**DIYOSEZE NKURU YA GITEGA**
**IBIRO NSHINGWABUTUMWA**
**B.P. 118 GITEGA**
**Email: pastoralbureau@gmail.com**

# INDINGANIZO Y'UMWAKA W'UBUTUMWA 2024-2025



**"TWISUNZE INAMA Y'UMURYANGO WA DIYOSEZE YACU, ABASANGIRARUGENDO KUBW'UKWIZIGIRA: DUTSIMBATAZE INGENDO Y'ABAKRISTU YO GUKENGURUKA, GUFASHANYA NO GUTABARANA".**

***Gitega, ku wa 9 Munyonyo 2024***

## IJAMBO RY'UGUSHIKIRIZA AKA GATABU

### 0. INTANGAMARARA

Bakristu bavukanyi, nk'uko vyama bigenda iyo umwaka urangiye, kugira twinjire muri mushasha, Umwungere wa Diyoseze Nkuru yacu ya Gitega yarakoranije abasaserdoti bose barangurira ubutumwa mu maparuwase yose agize Diyoseze, hakaba harimwo n'ababurangurira mu yandi madiyoseze ari mu Burundi, bahujwe no kurimburira hamwe ibikorwa vy'ubutumwa vyaranguwe mu mwaka wa 2023-2024 wariko urarangira, ngo bongere bategekanye umwaka w'ubutumwa wa 2024-2025.

Nkuko mubizi, uyu mwaka ugira gatanu muri ca kiringo twari twihaye co gushira mu ngiro ivyavuye mu Nama y'Umuryango wa Diyoseze yacu. Ni umwaka w'ubukengurutsi ku vyiza vyose twagabanye muri iyo myaka twari tumaze tugerageza guhinduka, kuremesha amahoro, kurekuriranira no gusubiza hamwe nk'uko icivugo ndogorabutumwa c'iyo myaka itanu kibiduhimirizamwo:

**"TWISUNZE INAMA Y'UMURYANGO WA DIYOSEZE YACU: DUHINDUKE, TWIJUKIRE KUREMESHA AMAHORO, KUREKURIRANIRA NO GUSUBIZA HAMWE".**

Ehe uko twagiye turabibamwo muri ico kiringo cose gushika uyu musi.

Umwaka wa mbere: **"Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Dutsimbataze umugambi n'ubutumwa vyo kwitunganiriza ubuzima bwa Paruwase na Diyoseze".**

Umwaka wa kabiri: **"Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Twegere, twigishe, twongere dusabikanirize bose Ijambo ry'Imana, na cane cane abanyabwenge".**

Umwaka wa gatatu: **"Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Tunywanishe rwose Ijambo ry'Imana, Liturjiya n'Ubuzima bwacu".**

Umwaka wa kane: "**Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Dukundire Yezu Kristu atunywanishe nawe, dushobore kurekuriranira no gusubiza hamwe**"

Uyu mwaka naho, duzobibamwo gutya: **"Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu, abasangirarugendo kubw'ukwizigira: Dutsimbataze ingendo y'abakristu yo gukenguruka, gufashanya no gutabarana".**

Twibukanye kandi ko haraye hasozerewe hariya i Roma vya bikorwa vy'Inama Nsangizangendo twari tumazemwo igihe kandi muzi neza ko umwe wese yagizemwo uruhara ruboneka haba mu buryo, mu guterera ivyiyumviro, no mu gisabisho nyene, tukaba turindiriye ingingo zavuyemwo tuzoshikirizwa n'Abungere bacu. Twitegurire rero kuzakirana umutima ukenguruka kandi winjira mu migambi y'Imana idusiga kure n'iyo.

Uwu mwaka kandi hari vyinshi dukenguruka: umwaka usanzwe wa Yubire y'Ekleziya yose. Umuvyeyi wacu Papa Fransisiko niwe adutumirira kwinjirana muri uwu mwaka wa 2025, umwaka mweranda wa Yubire isanzwe y'Ekleziya Gatolika, aho tuzokwigina iyo myaka yose iheze Jambo yigize umuntu, akavukira iwacu. Icivugo c'uyo mwaka wa yubire kigira giti: "**Abagendana ukwizigira**". Hariho rero ikirangamisi categekanijwe c'ingene iyo yubire izogenda irahimbazwa muri Ekleziya ku migwi itandukanye. Ubukengurutsi turabwerekeza kandi kuri Ekleziya y'i Burundi izoba iramukanye iyubire y'imyaka 100 turonse abasaserdoti bambere kavukire. Ivyo vyose rero n'ibindi tutadondaguye, ni ivyiza dukenguruka, kuko tubigabiwe n'ubuntu, n'urukundo vy'Imana.

**Urakoze cane Mukama ku Kigongwe cawe wanyeretse muri iyi myaka yose.**

**Urakoze Mukama ku Kigongwe cawe, kirengeye kure n'iyo umusenyi wo mu biyaga, amahanga n'imishwarara y'izuba. Kuko ntaranabaho warandemye; warankuze ntaragukunda; n'imbere y'uko mvuka wari wamaze kuncungura. Urakoze Mukama.**

**Indihaguzi, amosozi y'urukundo vyari bikwiye mu kuncungura, ariko washimye kumpebera amaraso yawe yose. Urakoze, urakoze Mukama.**

**Kuko wampaye Umuvyeyi wawe nyaguhezagirwa; kandi waranyugururiye umutima wawe ngo ndawuhungiremwo rugeranyeko. Urakoze, urakoze Mukama.**

**Kubera ko naguhunze ukaja kundondera; kuko nakengereye ijwi ryawe rinyongorera kandi ntiwirengagije amagorwa yanje. Urakoze Mukama.**

**Kuko ibicumuro vyanje vyose wabizimanganirije mu rukundo rwawe rw'agakura, kandi ntiwanasubiriye no kuvyibuka. Urakoze Mukama.**

**Kubera ivyo vyose n'ibindi vyinshi cane tuzinanyimwo twe na We, bitari buserungwe mu majambo. Urakoze, urakoze Mukama**.

Aka gatabu mugasangamwo indinganizo y'ibikorwa vy'ubutumwa bitegekanywa kuzorangurwa uyu mwaka wose w'ubutumwa wa 2024 ushira 2025, ibihe n'ibibanza bizorangurirwamwo, n'abazobirangura. Nk'abasangirarugendo, umwe wese, mu neza no mu ngabirano yahawe n'Imana, araheza agire umwitwarariko w'ukurangurana umwete ubutumwa ajejwe, twungiwe ubumwe ahanini n'igisabisho.

Murazoheza rero mwame mufata akanya ko kwiyibutsa iyi ndinganizo, bibafashe gutyo kubangukirwa n'ukurangura ibikorwa n'ubutumwa birimwo. Uko Mutima Mweranda azobibaha, murashobora kwongeramwo n'ibindi mubona bibereye, ngo Imana ininahazwe abantu nabo baharonkere urukiza.

Ibiro Nshingwabutumwa vya Diyoseze

**IJAMBO RYO GUKWANGURA UMWAKA W'UBUTUMWA WA 2024-2025 RISHIKIRIJWE N'UMWUNGERE WA DIYOSEZE NKURU YA GITEGA**

**"Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu, abasangirarugendo kubw'ukwizigira: Dutsimbataze ingendo y'abakristu yo gukenguruka, gufashanya no gutabarana".**

## Intagamarara

1. Bakristu nkunda, ndabipfurije inema n'amahoro biva ku Mana Dawe wa twese no ku Mukama wacu Yezu Kristu (Efezi 1, 2). Umwaka wose dusozereye uduha akaryo ko gusubiza amaso inyuma, ngo turimbure ivyo twakoze, ivyo tutashitseko n'ivyo twaciyemwo vyose tukabona ingene ukuboko kw'Imana kuduherekeza n'ibitangaza kurangura. Ni naho duhera ngo dukenguruke, ivyiza Imana yatugiriye no kwizigira kuruta uko twahora kubera iyo Mana Kirumara mu buzima bwacu ngo tubone gutera iyindi ntambwe nk'abasangirarugendo kubw'ukwizigira nyene, tugafashanya n'abo bose tugenda duhurira mu mayira y'Umukama. Dutumiriwe muri urwo rugendo gufashanya no kuramiranira mu buryo butandukanye, kubera ko twabonye, turategera kandi turemera ko Yezu Kristu yapfuye, akazuka, none ubu ari muzima (raba Luka 24, 13-35).

## Abasangirarugendo kubw'ubw'ukwizigira

2. Bakristu bavukanyi, "mu gihe iyi isi tubayeko yerekeza abantu ku nzimano zitandukanye z'ukurya n'ukunywa uko bashaka, iz'ukwimerererwa neza atawunezwe uwundi, iz'ukurundarunda itunga, iz'ukwibako n'ukwigungirako; Inkuru Nziza yoyo itumirira uwo ariwe wese inzimano y'Imana, irangwa n'akanyamuneza, ugusabikanya, ubutungane, umuvukano, mu bunywanyi n'Imana n'ubunywanyi n'abandi bantu"[1]. Nico gituma, tumurikiwe n'Inkuru Nziza ya Yezu Kristu, nk'abarundi n'abarundikazi twemera Imana ya Yezu Kristu, muri ya Nama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze yacu[2], twarasubije amaso inyuma, turaraba ibihe twabayemwo, turikebuka, (…), twigira inama n'ingingo

[1] *Ijambo Papa Fransisko ashikirije abakristu bo kw'isi yose, ku musi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa bwo gukwiza hose Inkuru Nziza ya Yezu Kristu ku wa 20 gitugutu 2024, n º 2 § 4.*

[2] *Raba Amateka n'Amategeko avuye mu Nama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze Nkuru ya Gitega. Inyigisho, Imigambi n'Ingingo, 2019*.

yo kwijukira kurekuriranira no gusubiza hamwe ngo dutsimbataze amahoro, ubumwe n'urukundo.

**3.** Inama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze yacu turiko turashira mu ngiro muri iyi myaka itanu kuva mu 2021 gushika muri uwu tugiye gutangura, nk'uko twavyihayeko ihangiro, ni ikimenyetso kiboneka kiranga umwizero dufise wo gutsinda inabi, tuyitsindishije inema y'Imana mu gihe tuyikundiye igakora muri twebwe. Nk'abasangirarugendo kubw'ukwizigira, muri uyu mwaka w'ubutumwa wa 2024-2025, n'uyu mwaka usanzwe wa Yubire y'Ekleziya wa 2025, muri Yezu Kristu, kumwe na We, hamwe na We, no muri we nyene tumenye gukenguruka ubuvyeyi bw'Imana budahengeshanya kwibonekeza mu buzima bwacu no mu bw'iy'isi ya none. Ubwo bukengurutsi, ntibutwibagiza amagorwa n'amarushwa ari muri iyi si yugarije bamwe muri benewacu. Abo nabo muri ubwo bukengurutsi ni tubabe hafi, tubaremeshe mu kubagwanako, mu gufashanya no mu gutabarana. Ingendo yo gufashanya no gutabarana niyo yamye iranga abakristu kuva mu ntango. Ndabatumiriye rero kuyitsimbataza mu mibano yanyu na cane cane muri uyu mwaka w'ubutumwa wa 2024-2025, dutanguye icese uyu musi, uzokwinjiranamwo na Yubire isanzwe y'Ekleziya yose**.**

## Umwizero ntutetereza

4. Turi abasangirarugendo kubw'ukwizigira kuko na none, "umwizero ntutetereza" (Abanyaroma 5, 5). Muri uwo mwizero, urugendo rwose rurangwa n'ukwemera rurashoboka kandi rufise iherezo ryiza. Niko umutumwa Pawulo mweranda abitubwira: "Nararwanye indwano nziza, nararangije urugendo, narazigamye ukwemera. Ibisigaye ni ukuronka rwa rugori rw'ubutungane, Umukama we Mucamanza w'intungane, azompereza kuri urya musi, kandi atazohereza jewe jenyene, azoruhereza n'abo bose bazoba baroreranye urukundo iseruka ryiwe" (2 Timote 4, 7-8). Bavukanyi dusangiye umuryango tugasangira ugupfa n'ugukira, nk'uko Papa Fransisko abitwigisha, umwizero uvyarwa n'urukundo kandi ugashingira mu rukundo ruva mu Mushaha wa Yezu Kristu wasogotewe ku Musalaba[3]. Nk'abasangirarugendo kubw'ukwizigira,

---

[3] *Raba Ikete rya Papa "Spes non confundit", umwizero ntutetereza, ryo ku wa 9 Rusama 2024, 3 § 1.*

tubimenye kandi tubitegere, ubuzima bw'umwizero dufise ubu, buserukira mu buzima bw'ukwemera. Nabwo bugatangurana n'ibatisimu, bukabandanya bukura mu kwikwiza inema duhabwa n'Imana; eka mbere bukayoborwa na Mutima Mweranda, we yama atunagurira kandi akadukomereza uwo mwizero[4]. Kubw'ukwo kwizigira dusangiye muri runo rugendo turiko, ndagutumiriye wewe mukristu, ngo wame "urwana indwano nziza y'ukwemera, ucakire bwa buzima budahera wahamagariwe kandi wemeye ukemeza mu maso y'ivyabona vyinshi" (1Timote 6, 12). None muri ibi bihe turimwo, ni igiki combuza kubaho nk'abakristu ba mbere ngo Imana imenyekane, benewacu na bo baronke urukiza? Mu mwizero mfitiye Imana, nta na kimwe cobimbuza (raba Abanyaroma 8, 38-39).

## Akarorero k'abakristu ba mbere

5. Abakristu ba mbere nkuko tubibona mu gitabo c'ibikorwa vy'abatumwa barangwa n'ukwigishwa n'abatumwa, ukwunga ubumwe. Ubumwe bushinze imizi kandi bukomezwa n'Ukaristiya hamwe n'igisabisho. Kubw'ukwemera bansagiye, baca basangira n'itunga. Isangiramutima rero ryama rirangwa n'isangirabutumwa, isangirabintu aririyo sangiratunga, ukwitanga n'ugufashanya (raba Ibikorwa vy'Abatumwa 2, 42-47; 4, 32-37). Ni navyo twigishwa n'Inama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze yacu: "Abakristu ba mbere barangwa n'urukundo. Akaranga k'Ekleziya rero ni urukundo"[5]. Kubw'Ibatisimu twahawe, ingendo y'abakristu ni umuhamagaro ushikana ku muvukano wiyerekana n'inguvu zawo zose zituza ukwikunda n'ukwikwegerako[6]. Umuhamagaro nawo "ni ingabirano kandi ni ibanga, ni isoko ry'ubuzima bushasha n'akanyamuneza k'ukuri"[7]. Muri uyu mwaka w'ubutumwa dutanguye, no muri iyi Yubire y'Ekleziya ya 2025 buca twinjiramwo, ese ukwitanga mu gisabisho n'indinganizo y'ubutumwa vyaranze abakristu ba mbere vyodukaburira urukundo dufitiye Imana n'abantu bose, tugashikana hose ubuzima, kandi ubuzima bwuzuye

---

[4] *Raba Ikete rya Papa "Spes non confundit", umwizero ntutetereza, ryo ku wa 9 Rusama 2024, 3 § 1*.

[5] *Amateka n'Amategeko avuye mu Nama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze Nkuru ya Gitega. Inyigisho, Imigambi n'Ingingo, 2019, urupapuro 41; 2.2.1.1*.

[6] *Amateka n'Amategeko avuye mu Nama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze Nkuru ya Gitega. Inyigisho, Imigambi n'Ingingo, 2019, urupapuro 42; 2.2.1.1.*

[7] *Ijambo rya Papa Fransisko ryo k'Umusi mpuzamakungu ugira 60 wo gusabira itorwa, 2023*.

(raba Yohani 10, 10) na cane cane aho higanje ikumirwa n'ihohoterwa, ubukene n'urupfu; abapfungwa n'abagwaye; abadakunda n'abadakundwa[8]. Muri iyo ntumbero, uko bizoba bimeze kwose, turama twibuka kwubahuka gukenguruka ka Yezu Kristu (raba Yohani 11, 38-44).

**Muri vyose na hose nimwame mukenguruka**

6. Umuntu yanywanye n'Imana ya Yezu Kristu mu buzima no mu mirimo yiwe ya misi yose, umuntu yaretse Imana ikamwiganzira, ntiyigera yirengagiza gukenguruka. No mu mananiza y'ubuzima, aramenya gukengurukira Imana kandi akinjira no mu migambi yayo. Turabona Yezu Kristu imbere y'urupfu rwa Lazaro agira ati: «Dawe, ndagushimiye ko wanyumviye» (raba Yohani 11, 41). Ahandi agashemeza se wiwe agira ati: «Ndagushemeza Dawe, Mukama w'ijuru n'isi, kuko wahishije ivyo bintu abanyabwitonzi n'abanyabwenge, ukabimenyesha ibitazi. Ni ko Dawe, kuko ari ko wabishatse» (Matayo 11, 25). Yezu Kristu akengurukira Imana Se mu kwinjira mu migambi yayo nsigabwenge kandi yakira ishaka ryiwe. Ubu bukengurutsi bwa Yezu Kristu n'imbere y'amananiza y'ubuzima, nk'urupfu rwa Lazaro, bishingiye ku mizero afitiye Imana Se, Mushobora vyose.

Bavukanyi nkunda, ubukengurutsi bwacu buri muri iki civugo c'uyu mwaka w'ubutumwa, niburangwe n'umutima wo guhinduka vy'ukuri, nkuko biri mu ngendo-shimikiro y'Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu aho dusaba Umukama "umuco n'ubutwari vya Mutima Mweranda, ngo duhinduke, tubashe kurekuriranira. Atugire abatumwa b'ukuri, b'ubutungane, b'urukundo n'ikigongwe, ari vyo nkingi z'amahoro"[9]. None muvukanyi, wewe mukristu, uravye aho ugeze, n'ico uri mu muryango, uko ibintu biri kwose, icokubuza gukengurukira Imana no gufasha abandi n'iki? Zirikana neza iri jambo rya Pawulo mweranda agira ati: "Ico ufise utaronse n'igiki?"(1Abanyakorenti 4, 7). Umukama Yezu nawe akagira ati:" Mwaronse ataco mutanze, ni mutange ataco musavye" (Matayo 10, 8). Nimwame mukenguruka muri vyose na hose kuko arico Imana ibashakako muri Kristu Yezu (1 abatesalonika 5,18). Mubigire mu gufasha abakene mwibuka iri jambo: "Birahimbaye gutanga gusumba kuronka" (Ibikorwa vy'Abatumwa 20,35).

[8] *Raba Ikete rya Papa "Spes non confundit", umwizero ntutetereza, ryo ku wa 9 Rusama 2024, 10-11*.
[9] XXX, *Igisabisho co gutura Imana Inama y'Umuryango wa Diyoseze*, Muyinga, 8/12/2005, § 5.

**Twijukire ingendo yo gufashanya no gutabarana**

7. Twavuze akarorero keza ko gufashanya tubona mu bakristu ba mbere nkuko tubisoma mu gitabu c'ibikorwa vy'abatumwa. Abakristu b'i Antiyokiya bafashije abo mu Buyuda bari batewe n'ikigoyi (raba Ibikorwa vy'Abatumwa 11, 27-30). Ni na yo ngendo kandi yaranze abanyamuryango b'i Masedoniya no muri Akaya: ugufashanya n'ugusabikanya. Niko Pawulo mweranda abituyagira aho agira ati: "Abo muri Masedoniya no muri Akaya barashatse kwegeranya icofasha aboro bo mu beranda b'i Yeruzalemu. Barabishatse kandi vyari bibereye. Ko abanyamahanga bahawe gusangira ku vyiza vyabo bikomoka kuri Mutima, birabereye ko na bo bobafasha mu vy'umubiri" (Abanyaroma 15, 26-27). Aha ni ho habonekera isangiramutima irangwa n'isangiratunga. Ese uyu mwaka wotubera koko, mu mpande zose, imigisha n'imihezagiro gushika aho, amaraso ya Kristu adutemberamwo, yama arusha ububasha n'inkomezi amaraso y'akaryango umuntu avukamwo. Niho tuzoba turanguye n'imvugo ya basokuru bacu igira iti: Bapfana iki barutwa n'ico bamariraniye; bike bikehanira abankana; umuntu agirwa n'uwundi[10].

8. "Imana, kuko yuzuye ubuntu, kubera rwa rukundo rwinshi yadukunze, aho twari tukiri abapfu bishwe n'ibicumuro, yatugize bazima hamwe na Kristu" (Abanyefezi 2, 4-5). Kubera ivyo, ntiturekuriwe na gatoyi kwigira sindabibazwa imbere y'amagorwa ya benewacu, baba abari hafi, canke abari kure, kuko Imana yaratwujurije na bo muri Kristu Yezu, iratuvukanisha (raba Abanyefezi 2, 16). Erega, natwe nyene twakijijwe ku buntu gusa (raba Abanyefezi 2, 5b). Nawe, genda rero ugirire ubuntu mwenewanyu uwo ari we wese. Na Papa Fransisko arabitwibutsa avuga ati: "abigishwa-batumwa ba Kristu bamana igihe cose umwitwarariko w'abantu bose, haba mu vyo babayemyo canke bagenderamwo"[11]. Ni nayo ngendo yaranze abanyamuryango b'i Korenti mukwegeranya amaturo yo kugwanako abari mu bukene b'i Yeruzalemu (raba 2 Abanyakorenti 8, 1-5). Babigize ngo bagaragaze igikorwa c'ubuntu bubuzuye (raba 2 Abanyakorenti 8, 7), bushingiye ku rukundo rw'ukuri (raba 2 Abanyakorenti 8, 8). Muri iyo gendo y'urukundo rwuzuye kandi rw'ukuri, bigana

[10] Raba *Amateka n'Amategeko avuye mu Nama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze Nkuru ya Gitega. Inyigisho, Imigambi n'Ingingo, 2019, urupapuro 42; 2.2.1.1.*

[11] *Ijambo Papa Fransisko ashikirije abakristu bo kw'isi yose, ku musi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa bwo gukwiza hose Inkuru Nziza ya Yezu Kristu ku wa 20 gitugutu 2024, nº 3 § 3.*

Kristu, We, n'aho yari umutunzi, yarigize umworo, kugira ngo duhinduke abatunzi kubera ubworo bwiwe (raba 2 Abanyakorenti 8, 9). Duca dutegera ko muri Yezu Kristu, umusesekara w'urukundo rwiwe twiyambitse rudushikana k'ugutabarana nyakwo kuko, nk'uko Pawulo mweranda abitubwira: "Abandi ntibotora mitende namwe ngo mugwe mu bukene; ariko ibwirizwa ni ukungana" (2 Abanyakorenti 8, 13). Ese Imana yo yatwungiye ubumwe muri Yezu Kristu, ikatwuzuza umwizero w'ubukiriro bwamaho, muri iki gihe tukiri ku rugendo rw'ubuzima, yotugira bazima ku mutima no ku mubiri, gushika aho, "uwari yegeranije vyinshi yasanga ata musesekara, uwari yegeranije bike na we agasanga adakehaniwe" (2 Abanyakorenti 8, 15.18). Uyu mwaka w'ubutumwa ugiye kutwinjiza muri Yubire y'Ekleziya nzima, nutunagure mu mpande zose, twebwe abagendana ukwizigira, tubashe gukomeza urugendo twatanguye kandi tuze turusozere neza.

## Umwaka wa Yubire y'Ekleziya

9**.** Uyu mwaka Ekleziya izohimbaza Yubire y'imyaka 2025. Izokwugururwa icese na Papa Fransisko ku wa 24 Kigarama 2024, mu kwugurura urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe Umutumwa Petero mweranda. Aha iwacu no mu madiyoseze yose yo kw'isi, izowugururwa icese ku wa 29 Kigarama 2024[12] iheze isozerwe ku wa 6 Nzero 2026, ku musi mukuru w'Ukumenyekana kw'Umukama, mu kwugara urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe umutumwa Petero mweranda. Igitabu ca bene Levi kiratubwira ko Yubire ari ikiringo co gukenguruka, co kubohora ababoshwe, co kwakira ikigongwe c'Imana. No muri uyu mwaka wa Yubire abakristu bavyipfuza bazoshobora kugabana ikigongwe c'Imana kuko ari ingabirano ya Yubire. Murazi ko ico kigongwe kironkwa n'umukristu yigaye, ashaka kuvavanura n'igicumuro, arangwa n'umutima w'urukundo, yartyorowe n'isakramentu ry'ikigongwe, akakira Ukaristiya. Tuzobashikiriza indiganizo y'ingendo nyeranda zizogirwa ngaha mw'isengero nkuru ya Diyoseze zizojana n'akigoro ko gufasha abakene (ba ntahonikora, impfuvyi, abasaza), abarwaye n'abari mu mabohero ngo abazozigira bashobore kugabana ku vyiza vy'uyu mwaka wa Yubire Umukama yabategekanirije.

---

[12] *Raba Ikete rya Papa "Spes non confundit", umwizero ntutetereza, ryo ku wa 9 Rusama 2024, 6 § 3.*

**Ugusozera**

10. Ese Umuvyeyi wacu Bikira Mariya yodufasha kuyoboka muri vyose ishaka ry'Imana kugira ngo, nka we no kubw'igisabisho ciwe, uyu mwaka w'ubutumwa udufashe gushikira ihangiro twihaye ryo kuba abasangirungendo kubw'ukwizigira, duhinduke mu kwijukira gusubiza hamwe no mukurekuriranira, dukomeze umutima wo gukenguruka gufashanya no gutabarana. Amen

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 9 Munyonyo 2024**

**+Bonaventura NAHIMANA**
**Umwepiskopi Mukuru wa**
**Diyoseze Nkuru ya Gitega**

## 1. INDINGANIZO Y'UMWAKA W'UBUTUMWA 2024-2025

Icivugo ndongorabutumwa c'uwu mwaka ni iki: **"Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu, abasangirarugendo kubw'ukwizigira: Dutsimbataze ingendo y'abakristu yo gukenguruka, gufashanya no gutabarana".**

### 1. 0. Kwugurura umwaka w'Ubutumwa

#### 1. 0. 1. Ugukwangura umwaka w'ubutumwa muri Diyoseze

Nk'uko vyashikirijwe mu nama yahuje abasaserdoti yo kurimbura umwaka w'ubutumwa twasozereye wa 2023 ushira 2024 no gutegekanya mushasha wa 2024 ushira 2025, ku rwego rwa Diyoseze, Umwungere mukuru wacu yadukwanguriye umwaka w'ubutumwa 2024 ushira 2025, ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 9 Munyonyo 2024. Inkuka y'imisa y'uwo mubarwa, yabereye ku Mushasha, mw'Isengero Mvyeyi ya Diyoseze, igihe c'isaha zitatu n'igice zo mu gitondo (9h30).

#### 1. 0. 2. Ugukwangura umwaka w'ubutumwa mu maparuwase

Ku rwego rw'amaparuwase, ba Patiri mukuru barongoye amaparuwase baciye bakwangurira abakristu umwaka w'ubutumwa ku musi w'Imana igenekerezo rya 10 Munyonyo 2024. Abakristu bose barashikirijwe inyigisho Umwungere yari yaraye arungikanye abaserukiye amaparuwase mw'ikwangurwa ry'umwaka ku rwego rwa Diyoseze.

### 1. 1. IKIRINGO C'UBUSHIKIRO: 1/12/2024 - 24/12/2024

#### 1. 1. 0. Ibikorwa bikuru bikuru:

Muri iki kiringo kidasanzwe c'ukwitegurira gusanganira Umukiza aza kubana natwe mu kwigira umuntu, vyoba vyiza ibikorwa vy'ubutumwa vyose bibaye ibifasha abakristu kwitegurira amaza ya Kristu yaje atugaragariza akaranga k'Imana yuzuye urukundo n'ikigongwe, maze natwe akatwigisha kurangwa n'urwo rukundo rwayo, ngo dushobore natwe, **nk'abasangirarugendo kubw'ukwizigira, gukenguruka urwo rukundo, turutsimbataze mugufashanya no mugutabarana. Na kare, barayamaze bati: urukundo rwiturwa urundi.**

**Ibintu bikuru bikuru vyoranguka muri ico kiringo ni nk'ibi:**

- Kwandikisha icivugo c'umwaka w'ubutumwa, kukimanika mu masengero no mu bindi bibanza abantu bahwaniramwo muri Liturjiya canke mu makoraniro y'ubutumwa;
- Gutegura neza Liturjiya y'umusi w'Imana wa mbere w'Ubushikiro uzoba kw'igenekerezo rya 1 Kigarama 2024; hamwe niyo ku musi mukuru wa Noheli;
- **Ku rwego rw'Ekleziya, ku wa 24 Kigarama, hazokwugururwa icese Urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe Petero Mweranda.**
- Ibiro bijejwe ubutumwa bw'Ingo n'imiryango muri Diyoseze bizotegura inyigisho yo ku musi mukuru w'Umuryando Mweranda w'i Nazareti, bashikirize Umwungere, ayiryohore, abone kuyishikiriza abakristu bose. **Twibukanye ko kuri uwo musi nyene, ariho hazokwugururwa icese, muri Diyoseze nkuru yacu ya Gitega, umwaka wa Yubire ya 2025**. Umwungere rero azokwugurura urugi rweranda rw'isengero nkuru yitiriwe Kristu Mwami yo ku Mushasha; **eka mbere, nk'uko Papa Fransisko yabishinze, no muyandi madiyoseze yo kw'isi yose bizoba uwo musi nyene;**
- Gutegura Umusi mukuru w'Ukumenyekana kw'Umukama (Epifaniya) uzohimbazwa ku musi w'Imana igenekerezo rya 5 Nzero; no gutegura ukwezi kw'Imikangara y'Imana. Uyu mwaka hazosozerwa yubire y'imyaka 50 ubutumwa bw'imikangara y'Imana bushitse mu Burundi, ku rwego rw'igihugu izohimbarizwa muri Diyoseze ya Ngozi, ku wa 4 Nzero 2025. Uku kwezi turipfuza ko kwofasha gusumba abana n'abakuze ngo babe nabo akarorero nyako mu gutsimbataza muri bo akaranga kamwe karanga abakristu ko gukenguruka, gufashanya no mu gutabarana, maze umwizero dufise nk'abasangirarugendo utwerekeze ku mahoro nya mahoro, Ekleziya Muryango nayo itere imbere;
- Turibukije Umugwi w'ubutumwa bw'amatungo mu maparuwase yose kugira irimbura ry'ivyinjiye n'ivyasohotse mu mwaka wa 2024, bongere basuzume neza ko ivyegeranyo vyagiye birarungikwa mu Kigega gikuru ca Diyoseze uko bitegekanijwe, nk'uko twabisezeranye mu nyigisho nkarishabwenge twahawe ku rwego rwai Diyoseze. Bazoboneraho n'akaryo keza ko guca

bategekanya ibizokwinjira n'ibizosohoka hamwe n'ibizorangurwa vyose mu mwaka wa 2024-2025, kandi bishikirizwe Umunyabigega wa Diyoseze;

### 1. 1. 1. Umusi w'Imana wa mbere w'Ubushikiro: 01/12/ 2024

Nk'uko tumaze igihe tubibamwo, Ishirahamwe ry'Inama y'Abepiskopi mu Burundi, mu Rwanda no muri Republika Iharanira Intwaro Rusangi ya Kongo (ACEAC), ryarasavye ko ku musi w'Imana wa mbere w'Ubushikiro, woba umusi w'igisabisho dusaba Imana ngo ironse abakristu baba muri ako karere umutima w'ukurekuriranira no gusubiza hamwe. Liturjiya y'uwo munsi yoshimikira k'ugusaba inema yo kurekuriranira no gusubiza hamwe, bivyara kandi bigakomeza amahoro. Iyo twarekuriraniye kandi tugasubiza hamwe, amahoro, ubumwe, ubutungane, akanyamuneza, ugufashanya, ugutabarana n'umubano mwiza birashwara abantu bose atawusigaye inyuma. Ko twabigize umwitwarariko muri iyi myaka itanu tugiye kurangiza, nitubere akarorero nyako abandi, na cane cane, abo bose bagikwega amaguru muri iyo ngendo nziza. Kuri uwo musi, mu maparuwase yose yo muri aka karere hazoherezwa inkuka y'imisa yo gusaba amahoro, n'ibindi Abepiskopi bacu bazotumenyesha.

## 2. 2. IKIRINGO CA NOHELI: 25/12/2024 - 12/01/2025

### 2. 2. 1. Umusi mukuru w'Ivuka rya Yezu: 25 Kigarama 2024

Imana yarashimye kurungika Umwana wayo Yezu Kristu, Imana yigize umuntu, ngo irangure bimwe bigaragara umugambi wo gutyorora abantu ngo banywane na Yo ubutacisubirako. *Ukwigira umuntu kwa Jambo w'Imana mu mbanyi ya Bikira Mariya kwaradutagatifuje, n'amaraso yiwe meranda aratwuhagira, yaraducunguye, atugira abana b'Imana na basamuragwa b'ijuru*. Muri We, no ku bwiwe nyene, turahinduka tukaba bazima, tugasa na We kubw'inema yiwe. Dutangarire rero iyo Mana itigera ireka uwayo ngo agende akagirire. Kubw'Ikigongwe cayo ntangere, iyo Mana Mutarambirwa, iratwitwararika bikwiye, ikadusanga iyo turi ngo idukirurutse, ikatuvana mu busa bwiyambitse ibara ryo ku mutemere, ikadusangiza ubuhirwe bw'Umwana wayo. Iyo ngiro n'ingendo vy'Imana nibitubere akarorero nyako, gutyo tube abatumwa nyabo Imana imanirako mu gutanga ikigongwe, ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe bivuye ku mutima, tukaboneraho gufashanya no gutabara abo bose bugarijwe n'ubukene n'amakuba bitandukanye. Nk'abasangirarugendo buzuye umwizero,

turazi neza ko turi bazima muri Yezu Kristu. **None icotubuza gukenguruka ivyo vyiza vyose, ni iki? NTA NA KIMWE!**

### 2. 2. 2. Umusi mukuru w'Umuryango Mweranda w'i Nazareti: 29/12/2024

**Uwo musi mukuru, ko uhuriranye n'iyugururwa rya Yubire itwinjiza mu mwaka mweranda wa 2025 aha muri Diyoseze yacu**, turiteze intumbero y'Umwungere mukuru wa Diyoseze yacu ya Gitega. Nka Ekleziya yo haziko ishinze imizi muri Ekleziya ishashe muri Diyoseze, twitegurire kubaho mu nema n'imigisha iyo Yubire izotuzanira muri uyu mwaka w'ubutumwa turimwo, tubashe kwigana Yezu Kristu yitangiye Ekleziya akongera akayigura (raba Abanyefezi 5, 25).

- **Kuri uwo musi w'igenekerezo rya 29 Kigarama hazoba Iyugururwa icese ry'urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe Yohani Mweranda w'i Laterano ari yo Sengero y'Umucunguzi.**
- **Kw'igenekerezo rya 01 Nzero, hazokwugururwa icese Urugi rw'Isengero nkuru yitiriwe Bikira Mariya.**

**Menya neza: Ugusozera umwaka mweranda ku rwego rw'Ekleziya yose bizoba ku wa 6 Nzero 2026, hugawe urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe Petero Mweranda umutumwa.**

### 2. 2. 3. Ukwezi kwa mbere: Ubutumwa bw'Imikangara y'Imana

Kubw'ibatisimu, abana bose baravukana kandi yabagize umwe, barumuna ba Yezu Kristu. Bafise ubutumwa rero buhambaye bwo kumenyesha Inkuru Nziza mu kwitangira no mu kwitwararika abandi bana bagowe, bakabagemurira, canke mu kubaba hafi babunganira mu vyo bashoboye. Uwo mutima w'urukundo bafise, niwo ubatuma gukwira amaparuwase yose, imihana yose bitwaje ikimenyetso c'inyenyeri, bagenda barasasagaza mu nzu zose binjiramwo akanyamuneza, gutyo bakarondera gusa na Yezu Kristu kuva bakiri bato. Muri uku kwezi rero, hotunganywa kandi hagashikirizwa neza inyigisho zerekeye abana bose, abari mu Mikangara y'Imana, eka mbere n'abatarimwo. Izo nyigisho zokwisunga Inama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze yacu, zerekeza abo bana ku mwizero basangiye, ngo batsimbataze hose amahoro muri ya ngendo iranga abakristu yo gukenguruka, gufashanya no gutabarana, nk'uko twavyihayeko ihangiro uyu mwaka w'ubutumwa. Bavyeyi mwavyaye

mugaheka, murabere abana banyu abamalayika barinzi, mubarereshe umutima w'impuhwe n'ikigongwe, gutyo bitegurire kuba abamenyesha Inkuru Nziza nk'abafise uruhara ntasubirizwa muri benewabo basangiye urugendo, abato n'abakuze.

Turatumiriye imibano rukristu, gutanguza no gukomeza imibano rukristu y'abana[13], utugoroba tw'abana no gushinga imigwi y'abana baririmba amahoro (pueri cantores). Nimubamenyereze hakiri kare kwinjira bukebuke muri iyo ntumbero ituraba twese kugira dushobore kubana mu mahoro, mu bumwe no mu rukundo, kugira ngo ntidusasire indava ikibi kuko baza umugani bati: "***Izija guhona zihera mu ruhongore***".

- ❖ Gutegurira abana ibibanza biboneka bashiramwo amashikanwa yabo guhera ku musi mukuru wa Noheli no mu gihe cose c'ukwezi kw'Imikangara y'Imana. Indemeshamikangara zokwitwararika kuyegeranya neza no kuyashikana aho abwirizwa gushikanwa;
- ❖ Gutegura neza Inkuka y'imisa yo gusozera, abana bose ba paruwase bakayihuriramwo, mbere n'imigirwa yose n'ubutumwa bujanye n'ivya Liturjiya bw'uwo musi bugaheberwa abana babateguye neza;
- ❖ **Ukwezi kw'Imikangara y'Imana guheze, Patiri mukuru azorungika mu Biro vya Diyoseze bijejwe ubutumwa bwa Papa mu gisata cabwo c'Imikangara amashikanwa yose yatanzwe n'abana aherekejwe n'icegeranyo c'ivyakozwe, imbere y'igenekerezo rya 12 Ruhuhuma 2025.**

**Ubutumwa bwategekanijwe n'Igisata c'Indero**

**31 Nzero 2025:** Ni umusi mukuru wahariwe Indero muri Diyoseze. Kuri uwo musi twibuka umweranda Yohani Bosiko yitwararitse rwose indero y'urwaruka. Uzohimbazwa ku musi w'Imana igenekerezo rya 2 Ruhuhuma mu maparuwase yose. Ku rwego rwa Diyoseze, uyo musi mukuru uzohimbarizwa mu Ntara y'ubutumwa ya Karusi, muri Paruwase ya Karusi. **Mu Gisata ca Diyoseze kijejwe Indero** bazotegurira abanyeshure, abavyeyi n'abarezi igisabisho c'imisi icenda kizotangura kw'igenekerezo rya 23 Nzero gisozerwe ku wa 31 Nzero.

---

[13] *Amateka n'Amategeko avuye mu Nama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze Nkuru ya Gitega. Inyigisho, Imigambi n'Ingingo, 2019; urupapuro 70; 3.1.2.5; 3.1.3.4.*

- ❖ Mu kiringo co kwitegurira uwo musi mukuru, Umugwi Nshingwandero muri paruwase wogendera amashure, bishobotse abafise ibikorwa barata bakabiserura kandi imvukira, abize canke abakoreye kuri ayo mashure bagatumiririrwa kugaruka kuraba intambwe ashitseko kuva bahavuye;
- ❖ **Amashikanwa y'uwo munsi, mu misa zose no mu bihimbazo vyose, azoheberwa ubutumwa bw'Indero kandi abe yashikanywe muri Diyoseze bitarenze igenekerezo rya 24/02/2025**;

## 2. 2. 4. Umusi Mukuru w'Ukumenyekana kwa Yezu: 05/01/2025

Kuri Epifaniya, duhimbaza Noheli y'abana nkuko benshi bakunze kubivuga, ariko kandi ni umusi mukuru w'umuco. Nka kurya inyenyeri yaboneshereje abamajusi, abami bavuye mu migabane y'isi baje kuraba Umwami aherutse kuvuka. Liturjiya y'uwo musi yofasha cane gutangarira uko kumenyekana kwa Yezu, maze bikadufasha twese abasangirarugendo kubw'ukwizigira, kuba isoko ry'akanyamuneza n'umwizero w'abantu bose bakiri mu muzimagiza n'igitutu c'urupfu, kuko twamenye kandi tukakira Yezu nk'Umwami n'umukiza w'ubuzima bwacu. Abamajusi baratwigisha guca bugufi imbere yiwe tukamusenga, tukamwihereza kandi tukamushikanira ivyacu n'abacu ataco twiziganirije, niho aheza akatwihishurira, akatwereka utundi tunyuro twocamwo dutandukanye n'imigambi n'ivyipfuzo bibi vya Herodi. Uwo mwami tumwemereye akatuyobora, aradufasha gutsimbataza muri twebwe umutima wo gukenguruka, gufashanya no gutabarana ngo bose bamumenye, bamukunde, bamushemeze kandi bamuyoboke.

**Ingingo zosubira kuzirikanwako ngo zishirwe mu ngiro ni izi:**

Ndashinze Igisata c'Ubutungane n'amahoro, ubutumwa bw'ukwumviriza n'ukuremesha imitima yavunitse. Mw'iparuwase, Patiri mukuru abwirizwa gukwirikirana ubwo butumwa (**Ingingo ya 1.1.3.4**).

Ndashinze ko umusi wa gatanu ugira 3 mu kwezi, tuzokwama dusabira ubutumwa bwo kurekuriranira no gusubiza hamwe (**Ingingo ya 1.5.3.5**).

## 2. 3. IGICE CA MBERE C'IKIRINGO GISANZWE CO MU MWAKA: 12/01/2025-05/03/2025

### 2.3.0. Ibikorwa bikuru bikuru

- ❖ Kubandanya ubutumwa bw'Imikangara y'Imana gushika mu mpera z'ukwezi kwa Nzero. Muri ico kiringo, abasaserdoti n'indemeshamikangara bazokwitwararika gufasha abana b'Imikangara y'Imana kwitegurira neza urugendo rw'inyenyeri;
- ❖ Gutegurira abigisha-barezi umusi mukuru wa Yohani Bosiko mweranda uba ku wa 31 Nzero. **Ibiro bishinzwe Indero rukristu muri Diyoseze** vyoba vyashikirije intumbero y'uwo musi mukuru amaparuwase-shure.
- ❖ Gutegura neza no guhimbaza indwi yahariwe gusaba ubumwe bw'Abemera Kristu isozerwa n'umusi mukuru w'ihinduka ry'umutumwa Pawulo mweranda ku wa 25 Nzero. Paruwase zose zoja inama n'amashengero ahurikiyemwo abemera Kristu bagategurira hamwe igisabisho gisozera iyo ndwi;
- ❖ Gutegura umusi Mpuzamakungu w'Abihebeyimana uba ku wa 2 Ruhuhuma, ku musi mukuru w'Iherezwa ry'Umukama. Uyu mwaka uhuriranye n'Umusi w'Imana, kandi kazoba ari akaryo ko kwigina Yubire y'Ibanga ry'Ukwiheberimana. Igisabisho c'imisi icenda gitegura uwo musi mukuru kizotangura igenekerezo rya 24 Nzero 2025 kirangire igenekerezo rya 1 Ruhuhuma 2025;
- ❖ **Inyigisho z'amapfungo y'Ikarema zizotegurwa n'Umwungere wa Diyoseze Nkuru ya Gitega. Zoba zabonetse imbere y'igenekerezo rya 24/02/2025** kugira bifashe abazokwifungisha abandi kuronka umwanya ukwiye wo kuzisoma no kuzizirikana imbere yo kuzoja kuzishikiriza abandi.
- ❖ Kwitwararika gutora no kwigisha neza abazofasha abandi mu mapfungo y'Ikarema. Hotorwa abakristu bazi neza gusoma. Abo batowe bazokwigishwa neza ishimikiro ry'izo nyigisho, kugira ntikuzobe ukuzisoma gusa, bongere bigishwe uburyo bwo kugirisha inama, harimwo guhana ijambo, gupfundika ingingo, kwegeranya mu nyandiko ivyavugiwe mu nama; kwegeranya ibitigiri vy'abitavye amapfungo n'ibindi bikenerwa;

- **<u>Menya neza</u>: Turatumiriye abasaserdoti bajejwe amaparuwase kwitwararika gutanga hakiri kare icegeranyo c'uko amapfungo ya Pasika yagenze. Ico cegeranyo coba cashitse mu Biro Nshingwabutumwa vya Diyoseze bitarenze igenekerezo rya 19/05/2025.**
- Gusabira abasaserdoti bacu bazoba bagiye mu mapfungo mu kigo ca Foyer de Charité mu Giheta. **Umugwi wa mbere: 26-31/1/2025; umugwi wa kabiri: 16-21/2/2025; umugwi wa gatatu: 1-6/6/2025**;
- Gutegura umusi mukuru w'Ubumwe bw'abarundi ku wa 5/02
- Gutegura umusi mpuzamakungu w'abarwaye wama uhimbazwa uko umwaka utashe kw'igenekerezo rya 11 Ruhuhuma.

### 2.3.1. Ubutumwa bw'Imikangara y'Imana buzobandanya gushika igenekerezo rya 26/01/2025

### 2.3.2. Umusi mukuru w'Umweranda Yohani Bosiko: 31/01/2025

Uyo musi, Inama y'Abepiskopi yawugeneye abigisha-barezi. Turatumiriye abasaserdoti bajejwe amaparuwase yose, kubategurira uyu mwaka ibiringo n'uburyo nyabwo bwobafasha kuzirikana gusumba no gushira mu ngiro iki civugo, ngo kibafashe nabo mu butumwa bwabo gutsimbataza muri bo no mubo bajejwe umutima ukenguruka, ufashanya kandi utabarana, aho babaye n'aho barangurira imirimo yabo ya misi yose, gutyo hibonekeze kuruta uko vyahora iyo ngendo iranga umukristu ngo ishinge imizi mu bantu bose. Uwo muvunyi wabo yame ababera akarorero mu kwitwararika indero y'urwaruka.

### 2.3.3. Umusi Mpuzamakungu w'Ibanga ry'Ukwiheberimana: 02/02/2025

Ubuzima bw'ukwiheberimana ni: ukwihereza wese Imana wigana rwose ubuzima bwa Yezu Kristu, mu kuragana za mpanuro z'Inkuru Nziza: ubworo, ubugamburutsi n'ubwerentegerwa kubwa Yezu Kristu no ku bw'Inkuru Nziza yiwe. Ni muri ubwo buryo, Uwihebeyimana aba ikimenyetso kizima c'Ubwami bw'Imana hano kw'isi. Umwe wese, yosubira kuzirikana neza ibanga n'iteka yatewe na Kristu, maze agasaba inkomezi zo kubera uwo muhamagaro wiwe muri iyi si ya none itagikeneye amajambo gusa, ahubwo ikeneye akarorero keza. Abihebeyimana ni bame bitwararika gusa na Yezu bahisemwo, maze

ubuzima bwabo buhinduke, bube ishikanwa nyaryo rihimbara Imana. Mu kubaho kwabo kwa misi yose, bame barangwa na za ngeso nziza ziranga umukristu mu gukenguruka, mu gufasha no mu kwunganira benewabo Kristu abarungikamwo. Turahamagariwe abakristu twese kwifatanya nabo mu gisabisho c'imisi icenda bagira bitegurira uwo musi, kandi twame tubasabira gukomera kw'ibanga, ngo natwe batubere ibimuri nyavyo biturangira Kristu. Iyo babaye beza kandi bazima, bafasha benshi, ariko iyo n'umwe muri bo aguye, araheza agatsitaza benshi cane. Nico gituma igisabisho ca twese abakristu gifise uruhara rukomeye, nkako dusangiye urugamba rwo kurondera ubweranda kubw'ukwizigira.

### 2.3.4. Ukwibuka Amasezerano y'ubumwe bw'abarundi: 05/02/2025

Kw'igenekerezo rya 5 Ruhuhuma twibuka amasezerano y'ubumwe bw'abarundi. Kristu niwe yaje kutwungira ubumwe, adusubiza mw'iteka ry'abana b'Imana. Ata bumwe n'urukundo, abantu barahungabana, bakama mu ndyane z'urutavanako maze bikabangamira urukundo, umubano mwiza, ugufashanya n'ugutabarana. Ni twigane Yezu Kristu we yatwitangiye kw'Inkuka ku musalaba kugira twese atwiyegereze mu bumwe bwuzuye.

Kuri iryo genekerezo nyene, twama twibuka igihe Musenyeri Simoni NTAMWANA Umwungere yahoze ayoboye Diyoseze nkuru ya Gitega yatirwa mw'ibanga ry'Ubwepikopi muri 1989, haraciye imyaka 36. Tubandanye tumusabira mu nkuka z'imisa no mu bihimbazo, ngo abandanye aba umutumwa w'ubumwe n'amahoro yigana Yezu Kristu Umusaserdoti mukuru.

### 2.3.4. Umusi Mpuzamakungu wo gusabira abarwaye: 11/02/2025

Nk'uko icivugo ndongorabutumwa c'uyu mwaka kibidutumirira, ugufashanya be n'ugutabarana vyamye biri mu biranga umuntu. Eka mbere kuba hafi y'abacu barwaye ni ubutumwa ngombwa tutokwigera twiyobagiza. Mu guhimbaza uwo musi, umwe wese yogirira ukuruta uwo mwitwarariko abantu barwaye n'abageze muzabukuru. Iyo mirwi y'abo bantu baba bakeneye cane ba kiremesha ngo ntibahave batwarwa n'ukwihebura ngo barahebwe. Twumve akamo Yezu adutera kandi tukitabire: "Nari ndwaye muransuhuza", Mt 25, 36.

Uyo musi canke imbere yaho, Inshingwamuryango zokwegeraniriza hamwe abarwaye, zibigiye inama n'abasaserdoti babo kugira boroherwe no kubashikira ngo bahe amasakramentu atandukanye, abo bitakunze ko bashika kw'i

paruwase. Twiyegereze abo bose bari ku musego mu kubaba hafi, mu kubaremesha, gutyo nabo babone kwinovora urwo rukundo n'ikigongwe vy'Imana mu buzima bwabo biciye kuri twebwe, biyumve nabo ko umuryango ubakunda kandi ubitwararitse, twongere tubunganire mu vyo bakenye haba ku mutima canke ku mubiri.

### 2.4. IKAREMA: 05/03-20/04/2025

#### 2.4.0. Ibikorwa bikuru bikuru

"Nimwisubireko kandi mwemere Inkuru Nziza" (Mariko 1, 15). Ikarema ni igihe gihambaye cane mu Muryango wacu w'Ekleziya, no ku mukristu wese, kikaduhamagarira kwigarura, guhinduka ngo twemere Inkuru Nziza. Iyi karema ntituyihimbaze nkuko twama, tuyibemwo nk'uko yoba ari iya nyuma, duhinduke bivuye ku mutima twongere dutsimbataze ugufashanya duhereye mu ngo zacu. Mu nyigisho z'amapfungo ya Pasika tuzoronka umwanya ukwiye wo kuzirikana ingingo ku yindi zigize icivugo ndongorabutumwa c'uyu mwaka: **"Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu, abasangirarugendo kubw'ukwizigira: Dutsimbataze ingendo y'abakristu yo gukenguruka, gufashanya no gutabarana".**

**Ibikorwa vy'ubutumwa bikuru bikuru vyoza imbere y'ibindi ni ibi:**

- Gutora no kwigisha abazokwipfungisha abandi; hamwe no kubashikiriza agatabu karimwo inyigisho z'amapfungo;
- Kwipfunga no kwipfungisha;
- Gutegura no guhimbaza umusi Mpuzamakungu w'abakenyezi (8/03/2025);
- Gutegura umusi mukuru wa Yozefu Mweranda, Umukunzi wa Bikira Mariya (19/03/2025);
- Gutegura umusi Mpuzamakungu wagenewe kurwanya ikumirwa ry'abantu rishimikiye ku mamuko yabo (21/03/2025);
- Gutegura no guhimbaza umusi Mpuzamakungu w'igisabisho dusabira abashikiriza b'Inkuru Nziza bishwe bazira ubwo butumwa (24/03/2025);
- Gutegura no guhimbaza neza umusi mukuru cane w'Iburwa ry'Umukama. Uwo musi usanzwe kandi ari n'umusi Mpuzamakungu wahariwe ubuzima (25/03/2025);

- ❖ Gutegura indwi y'urukundo (24-30/3/2025);
- ❖ Gutegura neza umusi mukuru w'ibisandasanda uyu mwaka uzohimbazwa kw'igenekerezo rya 13/04/2025;
- ❖ Gutegura neza indwi nyeranda n'umusi mukuru wa Pasika tuzohimbaza ku w'Imana igenekerezo rya 20/04/2025;

### 2.4.1. Ku musi wa gatatu w'Iminyota: 05/03/2025

Ku musi w'Imana urongora uwa gatatu w'Iminyota igenekerezo rya 02/03/2025, abakristu bose botumiririrwa kandi bakibutswa uwo musi uhambaye cane muri Ekleziya yacu. Twese turahamagariwe gutangura ico kiringo mu kwitaba Inkuka ya misa y'uwo munsi utangura igihe ceranda c'Ikarema. N'umusi kandi duhamagarirwa kwisonzesha mu biboneka n'ibitaboneka.

### 2.4.2. Amapfungo ya Pasika

- ❖ Kuronsa hakiri kare abazokwifungisha inyigisho n'ibikoresho bikenewe;
- ❖ Kumenyesha neza abakristu imisi, ibibanza n'ibihe bazohwaniramwo mu bihe vy'amapfungo;
- ❖ Kwegeranya mu mpfunyapfunyo inyishu zose zatangiwe mu migwi y'abipfunze hamwe n'ibitigiri vy'abitabiriye amapfungo.

Mu kugira ico cegeranyo, bofatira ku bitigiri vy'abakristu baragijwe, muri ivyo vyegeranyo berekana ibitigiri vy'abitavye amapfungo n'ivy'abatayitavye bagereranirijwe kw'ijana ku migwi: abagabo ukwabo; abagore ukwabo; abasore ukwabo; inkumi ukwabo; abana ukwabo; abanyeshure bato, abo mu mashure y'isumbuye ukwabo, ibitigiri vy'imigwi idasanzwe nk'abanyabwenge; abadandaza, abanyepolitike n'abandi bakozi ba Leta; abikorera utwabo mu buryo butandukanye.

### 2.4.3. Umusi Mpuzamakungu wahariwe abakenyezi: 08/03/2025

Abarundi barayamaze ngo "Umukenyezi w'umwizigirwa ni kiremesha mu muryango". Abasaserdoti n'abo bose bafashanya ubutumwa borondera imbere y'uko iryo genekerezo rishika, ingene bofasha abakenyezi n'abigeme kwitegurira uwo munsi mu kubaronsa inyigisho zibibutsa iteka n'uruhara rwabo mu kwubaka ingo n'imiryango bibangamiwe na vyinshi muri iki gihe, kandi ahanini izo ngaruka zibangamiye ubuzima bwabo n'amagara yabo, kabe

n'akanya ko guhanahana ivyiyumviro n'impanuro zibubaka ngo iteka ryabo rireke guhonyangwa, maze bihatire mu kubaho kwabo kurekuriranira *kuko atazibana zitishanye amahembe*, batsimbataze kuremesha amahoro, gutabarana no gufashanya mu ngo zabo muri ibi canke biriya, bahereye haziko. Ni ho ihimbazwa ry'uwo musi ryoserura vy'ukuri ibanga n'iteka ry'umukenyezi mu Gihugu no muri Ekleziya.

**Ingingo yobandanya izirikanwako ngo ishirwe mu ngiro:**

Uwo wese, yaba umusaserdoti, yaba uwihebeyimana, yaba umulayike, niyatirimuka kw'ibanga ryiwe ku buryo bw'icese butirimutsa umuryango, ntabe imboneza cane cane mu kurekuriranira no gusubiza hamwe, bazomuhanura, vyanse abihanirwe hakurikijwe Amategeko y'Ekleziya canke ay'abungere b'Ekleziya iri mu Burundi **(Ingingo ya. 2.5.3.4).**

### 2.4.4. Umusi mukuru wa Yozefu Mweranda Umukunzi wa Bikira Mariya: 19/03/2025

Ukwezi kwa Ntwarante kwose, Ekleziya yaguhariye Yozefu Mweranda Umukunzi wa Bikira Mariya. Turatumiriye abasaserdoti bose kuza barerekana mu nyigisho zose zitangwa muri ico kiringo uruhara rudasanzwe uwo mweranda yagize mu rugo rweranda i Nazareti, mu butumwa no mu bikorwa vyose. Vy'ukuri ni akarorero ka ba serugo baharanira gutsimbataza umutima ukenguruka ico Imana yabagize, ugufashanya, ugutabarana muri vyose, maze bakabera ingo zose imigisha n'imihezagiro izanira akanyamuneza n'umubano mwiza ingo baragijwe.

### 2.4.5. Indwi y'urukundo: 24/03-30/03/2025

Indwi y'urukundo nkuko tubimenyereye yama itangura ku musi wa mbere w'indwi ya gatatu y'Ikarema, igasozerwa ku musi w'Imana w'indwi ya kane y'Ikarema. Twisunze intumbero y'uwu mwaka w'ubutumwa, nk'abasangirarugendo kubw'ukwizigira, iyo ndwi nitubere umwanya mwiza wo kugaragariza abavukanyi bacu bagowe urukundo n'ikigongwe, mu kubatabara, kubafasha no kubaramira mu bukene buboneka bafise. Karatubera kandi akaryo ko gukenguruka ivyo Imana yaduhaye. Dukenguruke kandi n'abo bameze ukwo Imana yaduhaye, kuko ntaco Imana ireka ngo kibe itagamije kutwigisha no kutwinjiza mu migambi yayo, ngo tubashe kuba bazima.

### 2.4.6. Indwi Nyeranda: 13-19/04/2025

Indwi Nyeranda kuri twebwe abakristu, ni indwi irongora umusi mukuru wa Pasika. Ico kiringo kidutumirira rwose kwibuka no kuzirikana amagorwa ya Yezu Kristu mu kubabara no gupfa kwiwe bitwerekeza kwizuka, ariyo mabanga y'urukiza rwacu. Ni muri iyo ntumbero, tuzirikana gusumba ico kinyegezwa, maze tukiyemeza guhinduka ngo tube umwe na Kristu kandi tumwigane mu kwitangira benewacu.

## 2.5. IKIRINGO CA PASIKA: 20/04-08/06/2025

### 2.5.1. Ibikorwa bikuru bikuru

- Guhimbaza umusi mukuru wa Pasika;
- Gutegura neza no guhimbaza umusi w'Imana wa kabiri wa Pasika: Umusi mukuru w'Ikigongwe c'Imana;
- Gutegura indwi Ishirahamwe Mpuzamakungu ryahariye gusubiza hamwe: 19-25 /04/2025;
- Gutegura no guhimbaza umusi Mpuzamakungu wagenewe ubwigenge bw'ukumenyesha amakuru: 03/05/2025;
- Gutegura ukwezi kwa Rusama Diyoseze Nkuru ya Gitega yahariye ukumenyesha Inkuru nziza mu makungu;
- Gutegura no guhimbaza neza umusi w'Imana wa kane wa Pasika: umusi mukuru wa Yezu Mwungere Mwiza, umusi wo gusabira amatorwa.
- Gutegura no guhimbaza umusi mukuru wahariwe iterambere muri Diyoseze: Igenekerezo rya 08/05/2025;
- Gutegura no guhimbaza neza umusi Mpuzamakungu wagenewe kubana mu mahoro: 16/05/2025;
- Gutegura umusi mukuru wa Asensiyo (29/05/2025);
- Gutegura no guhimbaza neza umusi Mpuzamakungu ugenewe abavyeyi, uhuriranye n'umusi mukuru w'Iramukanya rya Bikira Mariya: 31/05/2025;
- Gutegura no guhimbaza neza umusi Mpuzamakungu w'ugukingira ibidukikije: 5/06/2025;
- Gutegura umusi mukuru wa Pentekoti, wahariwe aha iwacu mu Burundi Inshingwamuryango zose;
- Gutegura no guhimbaza neza umusi mukuru wa Bikira Mariya Umuvyeyi w'Ekleziya. Ni ku 09/06/2025, umusi wa mbere ukurikira Pentekoti;

### 2. 5. 2. Umusi mukuru wa Pasika: 20/04/2025

Pasika ni umusi mukuru uhambaye cane kuri twebwe abemera, uhimbazwa mu kanyamuneza ntangere, kandi uhurumbirwa na bose, uduha intumbero y'ubuzima bwacu n'amerekero yacu, kuko biduha kuzirikana ko urupfu rudafise ijambo rya nyuma, turarutsinda muri Kristu. Pasika niryo shingiro nyamukuru ry'ukwemera kwacu. Igaragaza intsinzi ya Kristu ku rupfu n'igicumuro kubw'urupfu rwiwe, ikatwinjiza mu buzima bushasha kubw'izuka ryiwe. Turahamagariwe rero nka ba batumwa biwe, kugenda kuba ivyabona vy'iryo zuka. Icivugo c'uyu mwaka w'ubutumwa kiratwereka ingendo twokwisunga mu kuba ivyabona vya Yezu Kristu yatsinze urupfu.

### 2. 5. 3. Umusi w'Imana w'Ikigongwe c'Imana: 27/04/2025

Muri iyi si ya none, amakanda y'Imana aguma abera amayobera umuntu w'iki gihe, naho wewe ubwiwe n'umutima wiwe wose, aguma arondera intumbero y'ubuzima bwiwe, birakwiye kandi birabereye ko umuhinga muvy'Imana, uwa kristu yagize rwiwe ikinyegezwa c'Imana ya Yezu Kristu, yohishurira uwo muntu ameze uko ameze ubwiza n'ubuvyeyi vy'Imana yigize umuntu muri Yezu Kristu. Tutiyobagije ko umuntu yigije kure yiwe Imana acika amananiza kuri we no ku bandi, ni vyiza ko tumenya ko intumbero y'ubuzima y'uyo muntu, eka mbere umuntu uwariwe wese, ari Imana Kigongwe twamenyeshejwe na Yezu Kristu w'i Nazareti kubw'ubuzima bwiwe, inyigisho ziwe n'ibikorwa vyiwe. Ikigongwe c'Imana ni umuco utamanzurira mu buzima bwacu, tugaheza tukabona imbonankubone mu buzima bwacu n'ubw'iyi si iyo Mana; tukayemera; tukayigzigira kandi tukayikunda, hanyuma tugakomeza urugendo turiko tudataye umutwe. Yezu Kigongwe cigize Umuntu, Ndakwizigiye. Data wewe Kigongwe nyaco, Ndakwemeye. Mutima Mweranda, Kigongwe kibirengeye, Numurikire ubuzima bwanje mbashe kuba muzima mu kuri no mu rukundo.

### Ingingo yo kuzirikanwako ngo ishirwe mu ngiro

Umusi mukuru w'Ikigongwe c'Imana uhimbazwa ku musi w'Imana wa kabiri wa Pasika, ubaye umusi mukuru wo gutabarana muri Diyoseze Nkuru ya Gitega. Ikizovamwo kizoshikirizwa Karitasi ya Diyoseze (**Ingingo ya 1.3.3.2**).

### 2. 5. 4. Umusi w'Imana wa Yezu Mwungere Mwiza: 11/05/2025

Ni umusi Mpuzamakungu wo gusabira amatorwa y'ukwihebera Imana. Abasaserdoti n'abakuze bari mu migwi nshigikiratorwa, bowutegurira neza urwaruka rwose cane cane abariko baratohoza umuhamagaro wabo mu murwi w'itorwa. Abavyeyi b'abana bari mu mirwi y'itorwa n'ab'urwaruka ruri mu maseminari no mu manovisiya bogira uruhara ruboneka mu nteguro y'uwo musi, haba mu nyigisho no mu mpanuro. Muri Liturjiya y'uwo musi, urwaruka ni rwo rwoja imbere cane haba mw'itegurwa no mu migirwa.

### 2. 5. 5 Ukwezi kwa Rusama:

### 2. 5. 5. 1. Yozefu Mweranda umukozi akaba umuvunyi w'abakozi n'akazi

Igenekerezo rya 1 Rusama, ni umusi mukuru wa Yozefu mweranda umukozi, akaba n'umuvunyi w'abakozi n'akazi. Ni n'umusi Mpuzamakungu wahariwe abakozi n'akazi. Uwo musi wagenewe igisabisho c'ugusaba Imana ngo itagatifuze imirimo y'abantu. Twigane Yozefu Mweranda mu vyo dukora vyose, maze mu mirimo yacu turondere ininahazwa ry'Imana n'urukiza rwa benewacu mu kubunganira kuko twakoze neza ivyo twategerezwa, maze Imana ikaduhezagiza ivyimburwa bidufasha kwiteza imbere no guteza imbere abandi duhereye mu ngo zacu, mu kibano, mu bisata, mw'iparuwase no muri Diyoseze yacu. Umwe wese yitangire igikorwa ajejwe atiziganije. Uwo munsi nyene, abakristu basangiye umubano rukristu bohurira hamwe mu nkuka ya misa, isohotse bakiginira hamwe iterambere bagezeko.

**Ibiro vya Diyoseze bijejwe Iterambere** vyotegurira abakristu inyigisho zibafasha kwinjira muri iyo ntumbero. Birategekanya kandi indinganizo idasanzwe y'ingene uwo musi wohimbazwa mu maparuwase ngo ugire ikimazi kuruta uko bisanzwe. Biratumiriwe kwerekana neza ibikorwa vyokorwa ngo abantu barangure neza umugambi n'ubutumwa vyo kwitunganiriza ubuzima bw'ingo zabo, amaparuwase yabo, Diyoseze yabo mbere n'Ekleziya y'isi yose.

**Ingingo yobandanywa izirikanwako ngo ishirwe mu ngiro**

Ndashinze ko umusi wa gatandatu ukurikira igenekerezo rya mbere Rusama, umusi mukuru wa Yozefu mweranda umuvunyi w'abakozi, ubaye uwo kwigina ibikorwa n'iterambere mw'Idiyoseze Nkuru ya Gitega, mw'iparuwase no mu rugo rwacu (**Ingingo ya 1.3.3.1**).

#### 2. 5. 5. 2. Ukwezi kwa Bikira Mariya

**Ukwezi kwa Rusama ni ukwezi kwa Bikira Mariya**. Abobishobora bohurira hamwe haba mu ngo, mu mibano rukristu canke abegeranye, bakavugira hamwe irozari canke ishapure, gutyo tugahereza imyitwarariko n'imitwaro yacu Yezu duciye kuri Bikira Mariya, kuko tuzi ko ari umwishikira kwa Yezu. Nk'uko yamuduhaye ku musalaba ngo atubere Uumuvyeyi, ntashobora kwirengagiza igisabisho tumucishijeko. Ukuvugana umwete irozari kandi kenshi nibwo buryo bwo guhinduka n'uguhindura imitima myinshi yazimijwe n'igicumuro, nkako ni agakoni k'urugendo. Iyo tuvuze ishapure canke irozari, tuba turiko turazirikana amabanga yose y'ubuzima bwa Yezu kuva akiburwa gushika azuke, asubire mu buninahazwa bwa Se wiwe. Umuvyeyi Bikira Mariya tumutumire kandi tumujane iwacu kugira atwigishe kandi adufashe guhinduka, gutyo dutsimbataze ka karanga k'umukristu nyawe ko gukenguruka, gutabarana no gufashanya na benewacu. Umuvyeyi Mariya natubere mu ngoro mu kubaho kwacu kwa misi yose ngo dushimishe Imana nka we.

#### 2. 5. 5. 3. Ukwezi kwo kwitwararika Ubutumwa bwa Diyoseze Nkuru ya Gitega bwo kumenyesha Imana mu makungu

Ukwezi kwa Rusama, Diyoseze yacu yaguhariye kandi ubutumwa bw'Ukumenyesha Imana mu makungu. Ubwo butumwa twese buraturaba, turahamagariwe kubwitwararika atawe tubusiganije. Nico gituma dukeneye kwama twongereza umwete mu kubusabira, no kugira uruhara ruboneka mu kubuterera mu buryo buboneka, ngo twunganire abacu bamaze gutera ururengo bagenda mu bindi bihugu kumenyesha Inkuru Nziza. Nkako na none, Ukumenyesha Inkuru Nziza ni ubutumwa ngombwa, kandi uwabatijwe wese ni umutumwa.

### 2.5.6. Umusi mukuru wa Asensiyo: 29/05/2025

Yezu amaze kurangiza urugendo rwiwe rwo ng'aha kw'isi, amaze kuzuka imbere yo gusubira mu buninahazwa bwa se, imisi itari Mike yariyeretse abatumwa biwe, araheza asiga abahaye ubutumwa bwo gukwira isi yose ngo bashikirize Inkuru Nziza. Yagiye mw'ijuru kudutegurira ikibanza, maze azogaruke kutujana hafi yiwe. Ariko kugira dushike muri ico kibanza, n'uko tuvyitegurira tukiri ngaha kw'isi. Nimeze dukenguruke uwo muhango twongere dufashe benewacu bamubiseko umwizero ugoyagoya canke wazimanganye.

Muri ya ntumbero yo kubaho kubw'icivugo c'uyu mwaka, tukakinywanisha n'iki kiringo kidutandukanya n'ihindukira ry'Umukama wacu Yezu Kristu, "twebwe abakomeye, dutegerezwa kwihanganira abafise intege nke aho kwironderera ibitunezereza. Umwe wese muri twebwe narondere ibinezereza mugenziwe kugira ngo amuremeshe" (Abanyaroma 15, 1-2).

### 2.5.7. Umusi mukuru wa Pentekoti: 08/06/2025

Umusi mukuru wa Pentekoti, ni umusi mukuru cane muri Ekleziya wo kwitegurira kwakira Mutima Mweranda n'ingabirano ziwe. Nk'uko tubimenyereye, n'igihe gikomeye mu maparuwase yacu, kuko n'igisabisho c'imisi icenda co kwitegurira uwo munsi, biraboneka rwose ko citabirwa n'abakristu benshi, kigasozerwa ahatari hake n'Inkuka za misa, tukaboneraho kwakira ingabirano za Mutima Mweranda. Aho batahora babigira, nibabishire mu ndinganizo y'ubutumwa, maze turi kumwe na Bikira Mariya kumwe kw'abatumwa mw'Isenakuro, twitegurire kwakira iyo Ngabirano y'agakura n'ugusagirwa n'ububasha bwiwe. Uyu mwaka igisabisho c'urwo runani kizotangura ku musi wa gatanu igenekerezo rya 30 Rusama 2025 kikazososozererwa mu giteramo co ku mugoroba ku wa gatandatu igenekerezo rya 07 Rusama 2025.

## 2.6. IKIRINGO CA KABIRI GISANZWE CO MU MWAKA: 08/06-29/11/2025

### 2. 6. 0. Ibikorwa bikuru bikuru:

- Gutegura neza ibiringo bihambaye vyo mu kwezi kwa Ruheshi ari vyo: Bibliya n'Umushaha wa Yezu;
- Gukomeza imibano rukristu mu kuyigendera;
- Kuringaniza mu maparuwase umusi wo gukenguruka no gushikanira umwaka Umukama;
- Kwigisha abagize imigwi y'ubutumwa;
- Kwigisha Ijambo ry'Imana imigwi yose y'abakristu ata n'umwe wibagiwe;
- Gusabira abasaserdoti bazoba bagiye mu mapfungo;
- Gutunganya imisi yahariwe gushingira intahe ikigongwe twahawe n'Umukama bikadutuma gurtyo natwe turekuriranira;
- Gutegura imisi mikuru yo muri ico kiringo: Ubutatu Bweranda; Isakramentu Ryeranda, Umushaha wa Yezu, Abamaratiri b'i Buganda, Iyurizwa mw'Ijuru rya Bikira Mariya, iy'abavunyi b'amaparuwase n'iyindi yose iri ku rutonde;

- ❖ Gutegura no guhimbaza umusi wagenewe kwibuka impunzi muri Afrika: 20 Ruheshi 2025;
- ❖ Gutegura no guhimbaza umusi Mpuzamakungu wagenewe abapfakazi: 23 Ruheshi 2025;
- ❖ Gutegura amezi y'itorwa;
- ❖ Gutegura indwi y'ingo;
- ❖ **Kwitegurira imisi mikuru y'Ubusaserdoti, Ukwihebera Imana, amayubile;**
- ❖ **Kwitegurira neza umusi mukuru w''Iyatirwa mu busaserdoti rya Diyoseze rizobera mu Ntara y'Ubutumwa ya Mwaro, muri Paruwase ya Mbogora;**
- ❖ **Kwitegurira no gutunganya neza isabukuru y'urwaruka ku rwego rwa Diyoseze, rizobera mu Ntara y'Ubutumwa ya Karusi, muri Paruwase ya Karusi;**
- ❖ Gutegura no guhimbaza neza umusi Mpuzamakungu wagenewe kubungabunga ivy'Imana yaremye: 1 Nyakanga 2025;
- ❖ Gutegura urunani rw'imisi 9 irongora umusi w'ukwibuka isandaba rya Musenyeri Yohakimu Ruhuna dushira mu mu ngiro ivyavuye mu Nama y'Umuryango wa Diyoseze yacu mu numero yayo ariyo ngingo 2.2.3.3. Ico gisabisho kizotangura ku wa 31 Myandagaro 2025;
- ❖ Gutegura no guhimbaza umusi wagenewe gusabira no kuramira abana baguma bayerera: 18 Nyakanga 2025;
- ❖ Gutegura umusi mpuzamakungu wagenewe impunzi n'abimukira: 25 Nyakanga 2025 (2.2.3.4);
- ❖ Kurimbura ibikorwa vy'ubutumwa vyarangutse mu mwaka wa 2024 ushira 2025, gutegekanya ibikorwa vy'ikiringo gishasha c'umwaka w'ubutumwa 2025 ushira 2026;
- ❖ Kurimbura ivyinjiye muri 2024-2025, kwegereranya ibizokwinjira n'ibizosohoka muri 2025-2026;
- ❖ Gutegura no guhimbaza umusi Mpuzamakungu wagenewe abakirondera akazi (abashomeri): 05 Gitugutu 2025;
- ❖ Guhimbaza umusi wagenewe gusabira abana bicwa mu gukororwa imbanyi; 11 Gitugutu 2025;
- ❖ Gutegura no guhimbaza neza umusi mpuzamakungu wagenewe kumenyesha Inkuru Nziza hose: 19 Gitugutu 2025, twibuka ko ukwezi

kwose kwa Gitugutu kwagenewe ubwo butumwa; **Ni kandi ukwezi kw'irozari;**

- ❖ Gutegura no guhimbaza neza umusi mukuru w'Aberanda bose 1 Munyonyo 2025 no gusabira abapfuye bose: 2/11/2025;
- ❖ **Gutegura uw'Imana wahariwe gusabira no kuramira aboro nk'uko vyashinzwe na Papa Fransisko. Ni ku wa 19 Munyonyo 2025, uw'Imana ugira 33.**
- ❖ Gutegura n'uguhimbaza neza umusi mukuru cane wa Kristu Mwami: 26 Munyonyo 2025. Uzoba kandi ari umusi mpuzamakungu w'Urwaruka.

### 2.6.1. Ruheshi: Ukwezi kw'Ubutumwa bwa Bibliya Nyeranda

- ❖ Bibliya Nyeranda kuri twebwe abemera, niho dukura inkomezi zo guhinduka, kwijukira kuremesha amahoro, gukenguruka no gutabarana hagati yacu. Nico gituma mu maparuwase yose hokomezwa imigwi y'abagenzi ba Bibliya, aho itari igashingwa; n'iya Mukama menyekana;
- ❖ Ubutumwa bw'ukwo kwezi kudusaba kwegeranya intererano yo kubushigikira. Iyizoba nayo yegeranijwe izorungikirwa Umunyabigega wa Diyoseze nawe azoyishikane mw'Ishirahamwe rya Bibliya mu Burundi;
- ❖ Ayo mashikanwa uyu mwaka ni ayazoba yegeranijwe mu mpera z'ukwezi kwa Ruheshi kwahariwe Bibliya Nyeranda. Azoheza ashikanwe mu Kigega ca Diyoseze bitarenze igenekerezo rya 08 Mukakaro 2025.

### 2.6.2. Umusi mukuru w'Ubutatu Bweranda: 15/06/2025

Kuri uwo musi mukuru, turazirikana cane ubumwe n'ubunywanyi bw'intacika buri hagati ya Data na Mwana na Mutima Mweranda. Nirwo rugero rw'ubunywanyi bushitse natwe tugenda twisunga, tugerageza kwigana, ngo tubonereho kunywana rwose n'Ubutatu Bweranda na benewacu, mu guhinduka, mu kuremesha amahoro mu kibano iwacu naho hose turangurira imirimo ya misi yose.

### 2.6.3. Umusi mukuru w'Isakramentu Ryeranda ry'Ukaristiya: 22/06/2025

Kuri uwo musi mukuru, dutangarira Yezu Kristu yaje kwitangako imfungurwa y'ubuzima bwacu. Iyo tumwakiriye neza twamwiteguriye, natwe duhinduka uwo twakiriye. Ni muri ico kinyegezwa ceranda, tuzirikana rwose insiguro y'Ukaristiya n'ikibanza cayo mu buzima bwacu. Ni muri Yo turonkera inkomezi,

maze tugahinduka, tugashingira intahe uwo twakiriye mu kwitangira benewacu uko dushoboye. Mu gukengurukira Yezu ku vyiza vyose yama atugirira muri iryo sakramentu, bidukaburira umutima wo kwama tugirira ineza mu buryo butandukanye.

### 2.6.4. 29/06/2025: Umusi mukuru w'Umushaha wa Yezu; Umusi Mpuzamakungu wahariwe ugutagatifuzwa kw'abasaserdoti

Mu Mushaha wa Yezu wadukunze urutavurwa, niho tuvoma ingoga zidufasha kugendera urukundo nk'uko yabiduhayeko akarorero. Dusabire cane abasaserdoti ngo bame bamane ubutore bw'umutima, batwerekeze muri uwo Mushaha mweranda udukunda urutavugwa kandi uguma utwiyegereza ngo tunywane nawo.

**Ingingo zobandanya kuzirikanwako ngo zishirwe mu ngiro**

Mw'iparuwase yose, harashinzwe Umugwi w'abagenzi ba Bibiliya. Utumwe gufashanya n'abasaserdoti kuremesha ubutumwa bwa Bibiliya n'ukwegeranya intererano zijanye na bwo (**Ingingo ya 2.4.3.1**).

Inama zose z'imihari n'iz'iyindi migwi y'ubutumwa, nizame zitangurira ku gusoma n'ukuzirikana Ijambo ry'Imana (**Ingingo ya 2.4.3.4).**

### 2.6.5. Umusi mpuzamakungu wagenewe impunzi zo muri Afrika: 20/6/2025 (2.2.3.4)

Ibihugu bitari bike vyo muri Afrika, vyarasinzikajwe n'indwano zatumye abantu benshi bahasiga ubuzima, abandi barateshwa izabo barahunga. Naha iwacu mu Burundi, turazi indyane zasinzikaje igihugu muri iyi myaka yose irangiye. Hari abishwe, abandi bangarizwa hagati mu gihugu canke inyuma yaco. Abo bose, abo tuzi n'abo tutazi, twame tubasabira kandi tubunganire mu ntererano zitandukanye, ngo nabo basubire kwiyumva mu gihugu cabo c'amavukiro. Nitwame na ntaryo twitwararika abo bose batagira iyo baja niyo bava nk'uko icivugo c'uyu mwaka w'ubutumwa kibiduhamagarira. Nitubafashe kandi tubarwaneko babone kubaho bizigiye kuko *umwizero ntutetereza* (raba Abanyaroma 5, 5).

### 2.6.6. Umusi mukuru w'Ivuka rya Yohani Batista: 24/06/2025

Ivuka rya Yohani Batista ryazanye akanyamuneza kenshi mu babanyi no mu muryango. Tumusabe ngo natwe adufashe kwamana umutima witeguriye

kwakira Kristu, we buzima bwuzuye. Uyu musi mukuru wiwe, nudufashe kwama dukenguruka ingabirano y'ubuzima, tuburwaneko kuva bugitangura gushika kw'iherezo ryabwo.

### 2.6.7. Umusi mukuru w'Abamaratiri b'i Buganda: 06/07/2025

Kuri twebwe abakristu bo muri Afrika kurusha n'abandi, umusi mukuru w'Abamaratiri b'i Buganda urahambaye cane. Usanzwe uhimbazwa kw'igenekerezo rya 3 Ruheshi. Muri Ekleziya iri hano mu Burundi no mu Rwanda, Abungere bacu bashimye kuwimurira ku musi w'Imana wigenga kugira ngo turonke akaryo ko kuwuhimbaza turi benshi. Nk'abasangirugendo kubw'ukwizigira, dutegere ko ubuzima bw'umuntu ari katihabwa. Ni ingabirano y'Imana. Ni iyo kwakirana urweze n'ubukengurutsi bwinshi, ariko si iyo kwigugana. Kubw'ininahazwa ry'Imana no kubw'urukiza rwa benewacu, mu kubaho kwacu, nitwame tugaragaza uwo mwizero waranze abamaratiri bacu: "Nkako, nta n'umwe muri twebwe ariho ku bwiwe kandi nta n'umwe apfa ku bwiwe. Turiho, tubaho ku bw'Umukama. N'iyo dupfuye, dupfa ku bw'Umukama. Tubaho rero canke dupfa, tuguma turi ab'Umukama" (Abanyaroma 14, 7-8).

### 2.6.8. Aberanda Petero na Pawulo: 29/06/2025

Abo beranda babaye akarorero mu kwitangira igikorwa co kumenyesha Inkuru Nziza. Nikatubere twese akaryo ko kwitanga kandi twitangire ubutumwa. Tutsimbataze ico gikorwa mugushikana ituro rya Papa nkuko tubihamagarirwa n'Ekleziya.

### 2.6.9. Amezi y'Itorwa: Mukakaro na Myandagaro

- ❖ Kugira inama z'Imigwi y'itorwa n'Imigwi nshigikiratorwa;
- ❖ Guhamagara abasaserdoti, abihebeyimana, abubatse ngo baze kuyaga ivy'amatorwa yabo;
- ❖ Muri ayo mezi, abasaserdoti bogena imisi ihariwe kwakira urwaruka rushikiriza iriri ku mutima rijanye n'ubuzima bwaryo bwaba ubw'umutima, bwaba ubw'umubiri;
- ❖ Vyoba vyiza cane abaherutse kwatirwa mw'ibanga ry'ubusaserdoti, abaherutse kugira indagano z'ukwihebera Imana, n'abagira Yubile bakejwe ku mugaragaro mu maparuwase bavukamwo;
- ❖ Kugira intonde z'amazina y'abasaserdoti n'ay'abihebeyimana n'ayabariko baritegurira ayo mabanga bavuka mw'iparuwase; kumenya Imiryango

y'abihebeyimana barimwo n'iyo barangurira ubutumwa, bitangazwe mu masengero abakristu babimenye; babandnye basabira n'ubutumwa bwabo;

- Kwegeranya intererano y'Igikorwa ca Petero mweranda, iy'amaseminari n'amanovisiya.

<u>Menya neza</u>: **Izo ntererano zoba zashitse mu kigega ca Diyoseze imbere y'igenekerezo rya 16 Nyakanga 2025 kugira ngo naco kibishikirize umusaserdoti ajejwe itorwa muri Diyoseze.**

**Ingingo yobandanya kuzirikanwako ngo ishirwe mu ngiro**

Ndashinze Umusi wo gushikanira umwaka Umukama ku musi w'Imana wa kabiri w'ukwezi kwa mukakaro, kandi bikajana no guhezagira imirimo itandukanye ishikana kuri uwo mwimbu. Ibizoba vyashikanywe bizoja mw'isandugu rya paruwase ngo biyisahirize mu butumwa bwayo (Ingingo ya 1.3.3.3).

### 2.6.10. Ukwibuka ukwikukira k'Uburundi: 01/07/2025

Mu gihugu cacu c'Uburundi, ukwikukira nyakwo, kworanzwe n'ukugira umwidegemvyo mu gukora ico cose ciza wipfuza gushikira, hamwe no kubana mu mahoro, gukora neza kandi worohewe. Kuri twebwe abakristu bahaba, ukwikukira nyakuri turakuvoma mw'Ijambo ry'Imana maze zina kiremwa-muntu, abeho arondera kandi aharanira ineza ya mwenewabo, ata kwikwegerako, niho tuzohesha iteka igihugu catwibarutse. Niho umwe wese yokwiyumva ko ari mu gihugu ciwe, atari inyambukira, gutyo tubane mu mahoro, urukundo, umwumvikano, n'akanyamuneza, iterambere naryo risasagare hose.

### 2.6.11. IYATIRWA MW'IBANGA RY'UBUSASERDOTI

**Iyatirwa mw'ibanga ry'Ubusaserdoti bizobera mu Ntara y'Ubutumwa ya Mwaro muri Paruwase ya Mbogora.**

### 2.6.12. Indwi yahariwe ingo: 22-28/07/2025

Mu kwitegurira guhimbaza neza indwi yahariwe ingo, Ibiro vya Diyoseze bijejwe, Ingo n'ubuzima bizotegura inyigisho n'indinganizo vy'iyo ndwi bibishikirize Umwungere abihinyanyure maze birungikwe mu maparuwase.

### 2.6.13. Iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya: 15/08/2025

Imana, mu mugambi wayo wo gukiza abantu, yashimye kwitorera no kwitegurira Mariya, ngo atuvyarire Umwana wayo w'ikinege, acungucure abantu. None kubera iryo teka, yaraninahajwe mu kwurizwa mw'ijuru umutima n'umubiri. Bikira Mariya ni umwamikazi w'amahoro, Nyina w'ikigongwe akaba n'ikimenyetso kizima c'abanywanye rwose na hose na Data kandi bakayoboka Mutima Mweranda. Ni umugabekazi w'abaranga ivyiza vy'ikigongwe nka Yezu Kristu, Umwana wiwe. Yamye ari Umusavyi w'Umukama ubuzima bwiwe bwose, mu kuzirikana vyose mu gacerere no mu mutima, agumana umutima ukenguruka ivyo Imana igirira umuntu mutomuto. Uwo musi tworushiriza uko twahora kumusaba natwe ngo adukandire ku Mwana wiwe tumwigane mu bukengurutsi no mukwitwararika abo duhurira mu mayira y'Umukama, na cane cane abatobato mu mpande zose.

### 2.6.14. Umusi Mpuzamakungu wagenewe impunzi n'abimukira: 08/9/2025

Uyu musi wagenewe kwibuka n'ukuramira impunzi zirimwo abaguma baturatura. Ko tuzoba turi no muwaka wa Yubire y'Ekleziya, nk'abasangirarugendo turatumiriwe kugwanako kuruta uko twahora abo bantu. Birabereye ko tubasabira tukanegeranya imfashanyo twobafashisha duhereye ku bari hafi yacu.

### 2.6.15. Ukwibuka igandagurwa rya Musenyeri Yohakimu RUHUNA: 09/09/2025

Nkuko vyasabwe n'abari bashashe mu Nama y'Umuryango wa Diyoseze, uwo mubarwa wabaye umusi w'ukurekuriranira no gusubiza hamwe muri Diyoseze yacu. Nakwo ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe bishoboka igihe ubuzima bwacu bushingiye mw'Ijambo ry'Imana. Mu maparuwase yose, woba umusi wo kuzirikana rwose ingene uwo Mwungere Musenyeri Yohakimu RUHUNA yemera rwose ko ata wundi muti uzovura abarundi ingwara banduye mu mabi yagiye arubika igihugu cabo, atari ukugiriranira ikigongwe mu kurekuriranira no gusubiza hamwe. Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu, abasangirarugendo kubw'ukwizigira: dutsimbataze muri twebwe, ingendo y'ugukenguruka n'ugusabira abo bose bahevye ubuzima bwabo barondera ko ukuri kwokwigaragaza; twongere kandi dukenguruke twifashishije ivyo Imana yaduhaye ikanaduha ubushobozi n'ubumenyi bwo kubiteza imbere.

**Ingingo zo kuzirikanwako no gushira mu ngiro:**

Kugira ngo umubano w'abasaserdoti wame mu bumwe no mu muvukano, utegerezwa kwitwararika kubaho nkuko amategeko y'Ekleziya n'Umwungere wa Diyoseze babitegeka (**Ingingo ya 2.5.3.2**).

Ukwama hafi abakristu, ni intumbero n'akaranga k'ubutumwa bwacu bwose mw'idiyoseze (**Ingingo ya 2.5.3.3**).

Ndashinze ko Umusi wo guhezagira imbuto n'ibitungwa ari umusi w'Imana wa mbere w'ukwezi kw'9 ari kwo nyakanga (**Ingingo ya 1.3.3.4**).

Igenekerezo rya 21 nyakanga, ku musi mpuzakungu wo gusaba amahoro, ubaye umusi wo kwibuka no kwitwararika impunzi, abateshejwe izabo n'abandi bantu b'uruja n'uruza (**Ingingo ya 2.2.3.4**).

**2.6.16. Gitugutu: Ukwezi kw'Irozari n'ugukwiza hose Inkuru Nziza**

Nka Bikira Mariya kumwe na Mariya, muri uku kwezi kw'irozari, turushirizeho gukenguruka ivyiza vyose twagabanye muri iyi myaka itanu, kumwe n'abo bose batumenyesheje Inkuru Nziza, n'abariko baritangira ubwo butumwa muri iki gihe**.**

Ko kandi uku kwezi kwa Gitugutu gusanzwe ari ukw'Ubutumwa bw'Ukumenyesha Inkuru Nziza mu makungu yose, tworushirizaho umwete wo kumenyesha Inkuru Nziza. Amaparuwase yogira umwitwarariko w'ugukurikiza ingendo ihora itangwa n'Ibiro bijejwe Ubutumwa bwa Papa bw'Ugukwiza hose Inkuru Nziza muri Liturjiya no mu bindi bihe vy'inyigisho zitandukanye. Ni twame kandi twibuka ko ubwo butumwa ari ubwa twese. Ntawokwigira sindabibazwa.

**Ivyo twokwitwararika kuruta ibindi ni ibi:**

- Gushigikira mu biboneka Umugwi ujejwe ubutumwa bw'ukumenyesha hose Inkuru Nziza ku rwego rwa Diyoseze;
- Abasaserdoti mu maparuwase botegekanya imibarwa y'ukuzirikanira hamwe Inyandiko nkuru nkuru zashikirijwe n'Abungere b'Ekleziya zerekeye Ukumenyesha hose Inkuru Nziza;
- Guhimiriza mu mibano rukristu yose abayigize bitwarike igisabisho n'intererano y'ubwo butumwa;

- ❖ Kuringaniza ibiteramo vy'indirimbo canke ivyese bivuga Ubutumwa bw'Ukumenyesha hose Inkuru nziza;
- ❖ Gutegekanya ibikorwa vy'ukwerekana mu masanamu ivyiza vyaranguwe n'abatumenyesheje Inkuru Nziza kuva Diyoseze Nkuru yacu igishingwa;

**Amashikanwa yagenewe ubutumwa bwo gukwiza hose Inkuru Nziza azobe yashikanywe mu kigega gikuru ca Diyoseze bitarenze igenekerezo rya 3 Munyonyo 2025.**

### 2.6.17. Ukwibuka abagandaguwe: Umuganwa Ludoviko RWAGASORE, 13/10/2024; n'Umukuru w'igihugu Melkiyoro NDADAYE, 21/10/2024

Ku musi abarundi bibuka igandagurwa ry'umuganwa Ludoviko RWAGASORE na nyenicubahiro Melkiyoro NDADAYE, Liturjiya yoringanizwa yerekeza abakristu ku gisabisho boshira imbere mugusaba Imana umutima w'ukuja inama, twunge ubumwe n'urukundo  mukurengera amabi bagiriraniye maze basubize hamwe. Dusabire kandi ababatijwe bose gusonera no kwubaha iteka rya zina muntu wese.

### 2.6.18. UKWEZI KWA MUNYONYO

#### 1. Umusi mukuru w'Aberanda bose: 01/11/2025

Uku kwezi kwa Munyonyo nkuko vyama, tugutangura duhimbaza umusi mukuru cane w'Aberanda bose. Ni twebwe abazima tukiri ku rugendo duhimbaza abo beranda bose. Kandi ni twebwe abazima, turi kumwe n'aberanda bose dusabira abantu bose bapfuye. Umuhamagaro wacu wa mbere n'ukuba beranda, niryo hangiro ryacu. Mu kuba beranda twigana Dawe wacu ari mw'ijuru, nico gituma ariho twerekeza ibikorwa vyacu n'ubuzima. Tubigaragarize rero mu guhinduka tuvavanure n'ivyo vyose bidahesha iteka ubukristu bwacu n'izina ry'ukwitwa abana b'Imana. Ni akaryo kaboneka k'ubumwe dufitaniye abana b'Imana muri Ekleziya. Twunga ubumwe n'abana bamaze gushikira ubuhirwe, tukunga ubumwe n'abakiri ku rugendo hamwe n'abari mw'ipurgatori. Twese twigina iteka ry'ubweranda muri Ekleziya.

#### 2. Gusabira abakristu bose bitavye Imana: 02/11/2025

Abamaze gusezera iyi si ariko bakiri mw'ipurugatori, ariryo tyororero, barakeneye imfashanyo z'abo beranda n'imfashanyo zacu nyene, twebwe tukiri

bazima. Ni naco gituma mubona dusabira abacu bitavye Imana, tukabigira mu bihe bitandukanye vya Liturjiya, na cane cane mu Nkuka ya Misa; eka mbere nka Ekleziya yose tukabigira kw'igenekerezo rya 02/11 uko umwaka utashe, aho dusabira abitavye Imana bose atawe dukuyemwo kugira ngo, abo dusabira tutazi neza ivyabo, ariko bamaze gushika mw'ijuru, ivyiza tubipfuriza kandi tubasabira, biraheza bikatwubaka nk'Ekleziya Muryango. Abari mw'ipurugatori nabo, bakaharonkera izo mfashanyo, batari bwihe, za twebwe turi kuri runo rugendo be n'iz'aberanda bose. Uwo musi, bamwe bose boraba ingene bokwibuka ababo bapfuye haba mu kubaherereza inkuka ya misa, canke mu guca mu bibanza bitandukanye bashinguwemwo.

**Ingingo ijanye n'iki kiringo yozirikanwa igashirwa mu ngiro:**

Abasaserdoti babwirizwa kwitwararika guha abakristu inyigisho zerekeye ubumwe dufitaniye n'abitavye Imana; icubahiro cabo, ic'itongo baruhukiyemwo n'akamaro k'igisabisho tubaherereza cane cane imperezwa y'Inkuka ya misa (**Ingingo ya 3.3.3.5**).

**Ingingo zobandanywa kuzirikanwa no gushirwa mu ngiro:**

Itongo ry'abapfuye rya paruwase riraronka umuhezagiro ricugururwa; rirasukurwa neza kandi rigahezagirwa mukwezi kwa Munyonyo, aho twibuka mu buryo budasanzwe abapfuye (**Ingingo ya 3.3.3.4**).

Ndashinze ko ku musi w'Imana ukurikira igenekerezo rya 2 Munyonyo, iparuwase yose izohereza Inkuka y'Imisa yo kwibuka no gusabira abapfuye mu rwimo rw'intareka rwasinzikaje uburundi (**Ingingo ya 1.1.3.3**).

## 3. Kwibukiriza ishingwa rya Diyoseze Nkuru yacu ya Gitega: 10/09/1959

Kw'igenekerezo rya 10 Munyonyo uko umwaka utashe, twama twibuka ishingwa rya Diyoseze Nkuru yacu ya Gitega haraciye imyaka 66. Ni umusi mukuru uhambaye cane wokwama witegurirwa kandi ugahimbazwa mu maparuwase yose. Ni vyiza ko abasaserdoti bajejwe amaparuwase boza baravyibuka mu Nkuka za Misa bakabimenyesha n'abakristu, kugira kabe akaryo keza ko gusabira Diyoseze yacu n'imigambi yayo yose.

**Ibikorwa vyotegekanywa muri ico kiringo:**

- Ikete ry'Umwungere wa Diyoseze ryibukiriza ivyabaye ku musi w'igenekerezo rya 10/11/1959;

- Kunagura inyigisho zijanye n'inyifato n'imigirwa vyo muri Liturjiya;
- Hoba igikorwa kiboneka co gushigikira amaparuwase ari mu ngorane, ayo ataho arigeza nk'ayagishingwa, hamwe n'ayari mu rwubako rw'amasengero;
- Hokwandikwa igitabu kigizwe n'amafoto y'abasaserdoti bose ba Diyoseze Nkuru ya Gitega, kigashingurwa ahantu habona;
- Kuringaniza urugendo rweranda ruja i Mugera ku Kirimba gikuru ca Bikira Mariya c'i Mugera, mu ntumbero yo gukenguruka ivyiza vyose twagabiwe muri Ekleziya yacu, kuko vyose niyo vyaboneye izuba;
- Kugira ingendo yo gutangura kwitegurira yubile y'agakura ya 75 Diyoseze yacu ya Gitega ikurira ayandi ma Diyoseze y'Uburundi;

## 4. Umusi mukuru wa Kristu Mwami w'Amakungu: 24/11/2025

Umusi Mukuru wa Kristu Umwami w'Amakungu yose ni Umusi mukuru w'imihari n'imirwi y'ubutumwa yose. Haheze imyaka ine Nyenubweranda Papa Fransisko awugize umusi mpuzamakungu w'urwaruka. Mu mwiteguro wo guhimbaza mu kanyamuneza uwo musi mukuru, abasaserdoti botegurira abanyamihari n'abagize imigwi y'ubutumwa bose inyigisho zibafasha kuzirikana neza ubutumwa bafise mu buzima bwabo bwose bwo kubera abandi akarorero keza ko guhindura ingiro n'ingendo, bakaba abatumwa nyabo bo kurekuriranira no gusubiza hamwe, bakaboneraho kwitwararika abantu batobato n'abari mu bibazo bitandukanye, kakaba n'akaryo keza ko gukenguruka ku vyo Imana yabahaye. Botegekaniriza inyigisho urwaruka zibakaburira kumenya uruhara bafise mu kwubaka Umuryango w'Ekleziya.

**Ibiro vy'Ubutumwa bw'abakristu balayike vya Diyoseze**, bizotegura inyigisho biyishikirize kare Umwungere kugira ngo aronke umwanya ukwiye wo kuyihinyanyura no kuyunganira hanyuma ishikirizwe abakristu bose ku musi mukuru wa Kristu Mwami.

**Amashikanwa yo kuri uwo musi yoba yashikanywe mu Kigega ca Diyoseze bitarenze igenekerezo rya 03 Kigarama 2025 kugira ngo ashikirizwe Ibiro bishinzwe ubutumwa bw'abakristu balayike muri Diyoseze. Ba Patiri mukuru nibo bajejwe ubwo butumwa.**

## 2. 6. 19. KURIMBURA UMWAKA W'UBUTUMWA 2024-2025, GUTEGEKANYA IKINDI KIRINGO C'IMYAKA ITANU YIMIRIJE 2025-2030, HAMWE NO GUTEGEKANYA 2025-2026

Irimbura ry'ibikorwa vy'ubutumwa vyaranguriwe mw'iparuwase yose guhera mu mibano rukristu; iry'ubwaranguriwe mu bisata mpuzabutumwa bikuru bikuru vy'ubutumwa muri Diyoseze (Ikigega gikuru ca Diyoseze; Karitas-Odag Giega; Ibiro bijejwe indero,.... ryoba ryararangiye imbere y'igenekerezo rya 02/9/2025;

**Ivyegeranyo bivuye mu maparuwase no muri ivyo bisata tudondaguye, vyoba vyararungitswe mu Biro Nshingwabutumwa vya Diyoseze imbere ya 9 Nyakanga 2025. Vyoba vyiza Amaparuwase ategekanije hakiri kare ikirangamisi c'ibikorwa vy'ubutumwa bizorangurwa umwaka wose, bikazira rimwe n'ico cegeranyo kugira mu kuvyegeranya vyorohe. Ata giciyemwo inama ikoranya abasaserdoti bose barimbura umwaka w'ubutumwa uzoba urangiye 2024-2025, bategekanya ikindi kiringo c'imyaka itanu, bongere bategekanye umushasha uzoba utangura wa 2025-2026 izoba kuva 22 gushika 24/09/2025.**

### IBIBAZO VYOGUFATIRAKO:

1. **UKURIMBURA UMWAKA W'UBUTUMWA 2024-2025**

0. **Ikibazo ca mbere: Ibikorwa vy'ubutumwa vyarangutse**

1\. 1. Uyu mwaka w'ubutumwa 2024-2025 turiko turarangiza wari ufise icivugo kigira kiti: **«Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu, abasangirarugendo kubw'ukwizigira: Dutsimbataze ingendo y'abakristu yo gukenguruka, gufashanya no gutabarana".**

1\. 1. Abantu bawakiriye gute?

1\. 2. Ingingo zigize ico civugo bazitegereye gute?

1\. 3. Ibikorwa ruberera vy'ubutumwa vyaranguwe mw'iparuwase yanyu canke mu gisata canyu mushira mu ngiro izo ngingo ni ibihe?

1\. 4. Ivyo mwaranguye muvyerekeje kuri iki civugo ndongorabutumwa c'ikiringo c'imyaka itanu twari dusanganywe kigira kiti: "Twisunze Inama y'Umuryango wa

Diyoseze yacu: Duhinduke, twijukire kuremesha amahoro, kurekuriranira no gusubiza hamwe" ni ibihe?

1. 5. Hari ibindi bikorwa biboneka mwigiriyeko ingingo muri iyo ntumbero mwoshima gusabikaniriza abandi? Bidondagure.

1.6. Umwaka mweranda wa Yubire isanzwe y'Ekleziya mwawubayemwo gute, muwubayemwo gute mukuwunywanisha n'umwaka w'ubutumwa turangije?

1.7. Muri iyi myaka ijana iheze turonse abasaseredoti kavukire, mubibazako iki? Abihebeyimana baba abafurera canke ababikira, mubona bamariye iki Ekleziya y'i Burundi n'Uburundi?

1.8. Inama Nsangizangendo twasozereye mu kw'icumi 2024, yadusigaranye iki?

**Menya neza: Ivyo vyose muvyishuye mu majambo make. Muzoba mukoze!**

**2. Ikibazo ca kabiri: Ibikorwa vyari vyategekanijwe bitarangutse**

2. 1. Hari ibikorwa vy'ubutumwa mwari mwategekanije bitahavuye biranguka? Ni ibihe n'ibihe? Ivyatumye bitaranguka ni ibiki?

2. 2. Mutegekanya gute kuzobishishikara ngo biranguke?

**3. Ikibazo ca gatatu: Ibibazo, Ivyipfuzo n'imigambi**

Hari ibibazo, ivyipfuzo n'imigambi ya kazoza mwoba mufise kugira ngo ingingo zigize icivugo c'umwaka turangije zizogume ziranguka?

**3. UGUTEGURA UMWAKA W'UBUTUMWA 2025-2026**

Nkuko tubizi, ikiringo c'Imyaka itanu twari twarihaye co gushira mu ngiro ivyavuye mu Nama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze, turagisozereye.

None mubona twosubira gutunganya ubutumwa tubwerekeza ku kiringo c'imyaka itanu? Canke twohindura ico kiringo? Uko twobifata kwose:

1. Mubona icivugo Ndongorabutumwa c'ico kiringo twoba twashinze coba ikihe? Twoshimikira kuki?
2. Ivyivugo vyo twoza turashimikirako ku mwaka ku mwaka, mubona vyoba ibihe?

## GUSOZERA

Uwu mwaka dutanguye, nutubere uwo gukengurukira Imana Butatu Bweranda, yatubaye hafi mu vyo twabayemwo vyose, muri iyi myaka itanu yose yaradufashije tugiwe imbere n'Inama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze yacu kwinagura muri wa mutima wo kuremesha amahoro, kurekuriranira, gusubiza hamwe, maze bidufasha kwitunganiriza ubuzima bw'amaparuwase yacu, mbere na Diyoseze yacu. Katubere akaryo ko gukenguruka kandi aho twateye intambwe, duce bugufi dusabe n'ikigongwe ku magara make y'umutima yose yaturanze muri ibi bihe, dusabe ngo iyo Mana Rukundo-Kigongwe itwongerereze inkomezi dukeneye ngo dushishikare rwa rugamba turimwo rwo kurondera ubweranda, kandi tugende twese tugize urunani atawe dusize inyuma, mu kwijukira gusumba mu misi ya heze guhinduka bivuye ku mutima, tutirengagije bwa butumwa bwo kurekuriranira no gusubiza hamwe twigana Yezu we karorero nyakwo.

Gitega, ku wa 09/11/2024
Ibiro Nshingwabutumwa

**MURI DIYOSEZE NKURU YA GITEGA:**

**IKIRANGAMISI C'IBIKORWA VY'UBUTUMWA 2024-2025**

**Kuva kw'Idominika ya 1 y'Ubushikiro gushika 31/12/2025**

| UKWEZI | UMUSI | IGIKORWA |
|---|---|---|
| **MUNYONYO** | | |
| | **2-9/11** | Indwi ya mbere y'inyigisho no kunagura ukwemera**: Paruwase Nyabihanga** |
| | 3 | Kugendera imvukira ziba i Bujumbura**: P. Nyabiraba** |
| | **6** | Isabukuru y'ishingwa rya **Paruwase Giheta** |
| | **10** | Kwibuka imyaka 32 iheze Patiri Karori Gahebe ashengeye**: Paruwase Makebuko** |
| | **10** | Kwugurura Umwaka w'Ubutumwa**: Paruwase Mushasha, St Ambroise, St Gabriel, Mubuga-Rutonde** |
| | **11-12** | **Inama y'Abihebeyimana barangurira ubutumwa mu maparuwase yose, bahurire muri Centre Pastoral (BDE)** |
| | **14-16** | Evangélisation**: Paruwase Mushasha** |
| | **16** | Ukwugurura umwaka w'ubutumwa**: P. Rukundo** |
| | **17** | Umusi Mpuzamakungu ugira Umunani wahariwe Aboro |
| | **17** | Inama ihuza komite ijejwe ubutumwa bw'abalayike muri Diyoseze |
| | 19 | Inyigisho y'Ubutungane n'amahoro: **P. Bihemba** |
| | 21 | Inyigisho y'ubutumwa bw'ingo: **Paruwase Bihemba** |
| | **24** | KRISTU UMWAMI W'AMAKUNGU: Ukurungika icese abatumwa mu butumwa butandukanye |
| | **24** | Umuvunyi wa Paruwase Mushasha |
| | **24** | Umusi Mpuzamakungu wahariwe urwaruka |
| | **26** | Inyigisho ku ba menyeshamana itegura amapfungo ya Noheli**: Paruwase Bihemba** |
| | **27-28** | Inyigisho nkarishabwenge ku bamenyeshamana b'Intara y'Ubutumwa ya Makebuko, bahurire bose **i Makebuko (BDE)** |
| | **30/11-2/12** | Inyigisho (Evangélisation)**: Paruwase Mucunguzi** |
| | **31** | Kwigina Ivuka rya **Paruwase Yoba** |

**KIGARAMA**

| | | |
|---|---|---|
| | 1 | **Idominika ya 1 y'Ubushikiro** |
| | **1** | Guhimbaza Umuvunyi: **Paruwase Mucunguzi** |
| | **3** | Guhimbaza umuvunyi wa **Paruwase Bukirasazi, Fransisiko Xaveri Mweranda** |
| | **4-6** | Inyigisho nkarishabwenge ku bamenyeshamana b'Intara y'Ubutumwa ya Karusi, bahurire bose i **Karusi (BDE)** |
| | **7** | Ambrozi Mweranda: **Umuvunyi w'Abapolice** |
| | **7** | Isabukuru y'imyaka 16: **Paruwase Gihogazi** |
| | **7** | Gusabira abahitanywe n'isanganya ry'umuriro: **Mugabekazi w'Abakene** |
| | **8** | **Idominika ya 2 y'Ubushikiro** |
| | **8** | Bikira Mariya yasamwe atagicumuro |
| | **8** | Bikira Mariya Muhimbazwa: **Umuvunyi wa P. Nyabiraba , Nyarunazi na Mugabekazi w'Abakene** |
| | **8** | **Ivuka rya Paruwase Nteguza ya NTOBWE (Mushasha)** |
| | **8** | Guhezagira ibibanza vyubatswe mu nyuma **ku kirimba ca Bikira Mariya i Makebuko** |
| | **9** | Inama ya bose muri CDAL |
| | **11** | **Inama y'Abakuru b'Imiryango y'Abihebeyimana bahurire bose muri Procure (BDE)** |
| | 15 | **Idominika ya 3 y'Ubushikiro** |
| | **21** | Inyigisho yo kwitegurira guhimbaza Noheli kuri bose: **Paruwase Kibenga –Migende** |
| | **22** | **Idominika ya 4 y'Ubushikiro** |
| | **22** | Isabukuru y'Imyaka 18: **Paruwase Shombo** |
| | **24** | ***Iyugururwa icese ry'urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe Petero Mweranda*** |
| | **25** | NOHELI |
| | **26** | Uguhimbaza Umuvunyi: **Paruwase Nyarusange** |
| | **26** | Isabukuru y'urwaruka: **Paruwase Nyabikere** |
| | **26-28** | Isabukuru y'urwaruka: **Gihiza, Shombo, Mumuri** |
| | **27** | Inyigisho ku ngo zimaze imyaka 6-10 zubatse rukristu: **Paruwase Nyabikere** |
| | **27-28** | Isabukuru y'ingo: **Paruwase Maramvya** |

| | | |
|---|---|---|
| | **27-28** | Isabukuru y'urwaruka: **Paruwase Nyarusange, Mpanuka na Mbogora** |
| | **27-30** | Isabukuru y'urwaruka: **Paruwase Mubuga-Rutonde** |
| | **28-31** | Isabukuru y'urwaruka n'abakristu bose mu ntumbero yo gusozera neza umwaka no gutangura mushasha: **Paruwase Nyabihanga** |
| | **29** | Umuryango Mweranda w'i Nazareti: **Umuvunyi wa Paruwase Gihiza na Nyarusange** |
| | **29** | ***Iyugururwa icese ry'urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe Yohani mweranda w'i Laterano ariyo sengero y'Umucunguzi*** |
| | **29** | **IYUGURURWA RY'URUGI RWERANDA RW'ISENGERO NKURU YA KRISTU MWAMI MUSHASHA** |
| | **29** | Yubire y'ingo: **Paruwase Nyabikere na Maramvya** |
| | **30** | Isabukuru y'urwaruka: **Paruwase Maramvya** |

**NZERO 2025**

| | | |
|---|---|---|
| | **1** | Bikira Mariya Nyina w'Imana |
| | **1** | **Iyugururwa icese ry'urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe Bikira Mariya** |
| | **2** | Urusangi rwa mbere: **Paruwse Nyarusange** |
| | **3** | Inama y'abamenyeshamana: **Shombo** |
| | **4** | ***Gusozera yubile y'imyaka 50 y'ubutumwa bw'imikangara y'Imana mu Burundi ku rwego rw'igihugu, izohimbarizwa i Ngozi muri Cathédrale*** |
| | **4** | Urusangi rwa mbere: **Paruwase Gitongo na Ntita** |
| | 4 | Gusabira abatabona **(CENTRE Rumuri)/ODAG-CARITAS** |
| | **5** | Epifaniya |
| | **5** | ***Iyugururwa icese ry'urugi rweranda rw'Isengero nkuru yitiriwe Pahulo mweranda*** |
| | **5** | Urusangi rwa mbere: **Paruwase Kibumbu, Kibenga-Migende, Nyabiraba na Karusi** |
| | **5** | Uguhimbaza Umuvunyi: **Paruwase Mbogora** |
| | 12 | Ibatisimu y'Umukama |
| | 12 | Gusozera Yubile y'Imikangara: **Paruwase Bugendana** |

| | | |
|---|---|---|
| | **16-18** | Inyigisho nkarishabwenge ku bamenyeshamana **b'Intara y'Ubutumwa ya Gitega, bahurire i Gihiza (BDE)** |
| | **17** | ***Gutangura igisabisho co gusaba Ubumwe bw'Abemera Kristu*** |
| | 18 | Umwiherero w'Abigisha–Barezi: **Mubuga-Rutonde** |
| | 19 | Idominika ya 2 y'Umwaka C: **Idominika yahariwe Ijambo ry'Imana** |
| | **19** | Kurungika mu butumwa umurwi wa gatatu wa Mukama Menyekana: **Paruwase Nyabihanga** |
| | **22-25** | Inyigisho zizosozerwa n'ukunagurwa muri Mutima Mweranda: **Paruwase Kibenga-Migende** |
| | **23-31** | ***Igisabisho c'imisi icenda co kwitegurira umusi mukuru wahariwe Indero muri Diyoseze*** |
| | **24-26** | ***Yubire y'abagize igisata c'ukumenyesha amakuru*** |
| | **25** | Ihinduka rya Paulo Mweranda: **Umuvunyi wa Paruwase Gihogazi na Nyakeru** |
| | 26 | **Idominika ya 3 y'Umwaka C** |
| | 31 | Yohani Bosiko Mweranda: **Umusi mukuru w'Abigisha-Barezi** |

**RUHUHUMA**

| | | |
|---|---|---|
| | 1 | Umusi mukuru w'Indero: **Paruwase Mubuga-Rutonde na Nyabihanga** |
| | 2 | **Idominika ya 4 y'Umwaka C** |
| | **2** | Iherezwa ry'Umukama |
| | **2** | ***Umusi mukuru wahariwe Indero ku Rwego rwa Diyoseze uzohimbarizwa: Paruwase Karusi*** |
| | **2** | ***Umusi Mpuzamakungu w'Ibanga ryo kwihebera Imana hamwe na Yubire yabo. Ku rwego rw'Inama y'Abakuru b'Imiryango (ASUMA) uzohimbarizwa i Muyaga (Ruyigi)*** |
| | **8-9** | Yubire y'intwaramiheto, inyamiramabi n'abajejwe umutekano muri rusangi |
| | **8-14** | ***Indwi yahariwe Valentino Mweranda*** |
| | 9 | **Idominika ya 5 y'Umwaka C** |

| | | |
|---|---|---|
| | **9** | Umusi mukuru w'Abigisha-Barezi: **Paruwase Mbogora** |
| | **10** | Igiteramo co gusabira abarwaye: **Paruwase Mugera** |
| | **15** | Urugendo rweranda rugana i Mugera ku **banyeshure biga mu makaminuza (CDAL)** |
| | **15-18** | **Yubire y'abanyatugenegene** |
| | 16 | **Idominika ya 6 y'Umwaka C** |
| | **19-21** | Inyigisho nkarishabwenge ku bamenyeshamana **b'Intara y'Ubutumwa ya Giheta, bahurire bose i Kibungere (BDE)** |
| | **17** | Inama ihuza komite ijejwe ubutumwa bw'abalayike muri Diyoseze |
| | **21-23** | **Yubile y'Abadiyakoni ruberera** |
| | **23** | **Idominika ya 7 y'Umwaka C** |
| | **24** | **Inama y'Abasaserdoti bose izobera muri Procure, igirishwa n'abo muri BDE** |
| | **25** | Guhimbaza Warburga Mweranda: **P. Bugendana** |
| | **25** | Gusiga Isengero ya Cunywe: **Paruwase Bugendana** |
| | **25** | Mutabazi w'Abakristu: **Umuvunyi wa Paruwase Gitongo** |
| | **26-28** | Inyigisho nkarishabwenge ku bamenyeshamana **b'Intara y'Ubutumwa ya Gishubi, bahurire bose i Nyabiraba (BDE)** |

**NTWARANTE**

| | | |
|---|---|---|
| | **1-30** | **Imenyekanishwa ry'ivyaranze Patiri Michel KAYOYA biciye mu mahiganwa atandukanye mu mashure y'i Gitega (BDE)** |
| | 2 | **Idominika ya 8 y'Umwaka C** |
| | **2** | HARAMBE: **Paruwase Rusamaza** |
| | **4** | Urugendo rweranda rw'abasangirabutumwa i Muyaga: **Paruwase Shombo** |
| | **5** | **UWA GATATU W'IMINYOTA** |
| | **5-6** | Isabukuru ry'Abakenyezi: **Paruwase Nyarusange** |
| | **7** | Amapfungo y'abazofasha abandi mu mapfungo ya Pasika: **Paruwase Bugendana na Shombo** |
| | 8 | ***Umusi Mpuzamakungu w'abakenyezi*** |
| | **8-9** | **Yubire y'abakorerabushake** |

| | | |
|---|---|---|
| | 9 | **Idominika ya 1 y'Ikarema** |
| | **15** | Inyigisho y'abunganirango: **Paruwase Nyabikere** |
| | **15-16** | Amapfungo ya Pasika: **Umurwi w'Abanyabwenge Gatorika (CDAL)** |
| | **15-17** | Isabukuru ry'abagabo: **Paruwase Nyarusange** |
| | 16 | **Idominika ya 2 y'Ikarema** |
| | **19** | Yozefu Mweranda Umukunzi wa B.Mariya: **Uguhimbaza Umuvunyi wa Paruwase Gisozi** |
| | **20-22** | Inyigisho nkarishabwenge ku bamenyeshamana **b'Intara y'Ubutumwa ya Mwaro, bahurire bose mu Mbogora (BDE)** |
| | **23** | **Idominika ya 3 y'Ikarema** |
| | **23** | Amapfungo ku bagize Inama Nkuru ya Paruwase n'abahanuzwajambo bayo muri Foyer de Charité mu Giheta: **Paruwase Karusi** |
| | **24-28** | **Indwi y'Urukundo mu mashure yose yo muri Diyoseze** |
| | 24 | **Abamisiyonari bagandaguwe** |
| | **25** | IBURWA RY'UMUKAMA |
| | **28** | AMASAHA 24 Y'UMUKAMA |
| | **29-30** | **Yubire y'Abamisiyonari b'ikigongwe** |
| | **30** | **Idominika ya 4 y'Ikarema** |
| | **31** | Ugutanga amashimwe ubwa mbere: **P. Nyabiraba** |

**NDAMUKIZA**

| | | |
|---|---|---|
| | **5-6** | **Yubire y'abarwaye n'abakora mu gisata c'amagara y'abantu** |
| | **6** | **Idominika ya 5 y'Ikarema** |
| | **10-12** | Inyigisho nkarishabwenge ku bamenyeshamana **b'Intara y'Ubutumwa ya Mugera bahurire Bugendana (BDE)** |
| | **12** | Urugendo rweranda rugana i Mugera: Paruwase Mucunguzi na Mwungere Mwiza |
| | **13** | **Idominika y'Ibisandasanda** |
| | **14** | Urugendo rweranda rugana **i Mugera rw'Abihebeyimana bo mu Ntara z'ubutumwa za Gitega na Giheta** |
| | 17 | **Uwa 4 Mweranda** |
| | 18 | **Uwa 5 Mweranda** |

| | | |
|---|---|---|
| | 19 | **Uwa 6 Mweranda** |
| | **19** | Ugukomoza Amasakramentu: **Paruwase Kibumbu** |
| | 20 | **Idominika ya Pasika: PASIKA 2025** |
| | **24** | ***Inama y'ugutegura Ubusaserdoti kubagize Intara y'ubutumwa ya Mwaro izobera mu Mbogora*** |
| | **25-27** | **Yubire y'abitegurira gukomezwa muri Mutima Mweranda, n'abitegurira kugira indagano** |
| | **26** | Urusangi rwa mbere: **P. Mushasha na Nyabihanga** |
| | **27** | **Idominika ya 2 ya Pasika: Umusi mukuru w'Ikigongwe c'Imana** |
| | **27** | Inama y'Ukurimbura ingene Amapfungo ya Pasika yagenze: **Paruwase Kibumbu** |
| | **27** | Guhezagira Isengero ya Busangana**: P. Bugendana** |
| | **28-30** | **Yubire y'abagendana ubumuga** |
| | **30** | Rumarantimba: **Umuvunyi wa Paruwase Kibumbu** |

**RUSAMA**

| | | |
|---|---|---|
| | **1** | Yozefu Mweranda Umukozi: **Umuvunyi wa Paruwase Mutoyi na Kibungere** |
| | **1** | **Gutangura ukwezi kwa Bikira Mariya** |
| | **1** | **Gutangura ukwezi kw'ubutumwa bwa misiyoni muri Diyoseze yacu** |
| | **1-4** | **Yubire y'abakozi** |
| | **4** | **Idominika ya 3 ya Pasika** |
| | **4** | Isabukuru y'imyaka 5: **Paruwase Kibenga-Migende** |
| | **4-5** | **Yubire y'abanyamitahe** |
| | **9** | Kuramutsa Abasaserdoti Ibisata vya **P. Kibumbu** |
| | **10** | Isabukuru y'Ubutungane n'Amahoro**: P. Nyabiraba** |
| | **10-11** | **Yubire y'abaririmvyi** |
| | **11** | **Idominika ya 4 ya Pasika** |
| | | Guhimbaza Umuvunyi wa: **Paruwase Gahemba, Shatanya, hamwe n'Igisata ca MAGO i Nyabihanga** |
| | 11 | Urusangi rwa mbere: **Paruwase Bwoga-Chioggia** |

| | | |
|---|---|---|
| | 11 | Gushinga **Paruwase Ntoya ya Buvyukana (Paruwase Mushasha)** |
| | **12-14** | **Yubire y'Ekleziya yo mu bihugu vyo mu buseruko (Aziya)** |
| | 14 | **Umusi Mpuzamakungu wa ba Inarugo** |
| | **15** | Inyigisho y'Abasangirabutumwa + kurimbura ingene amapfungo ya Pasika yagenze: **Nyarusange** |
| | **16** | Ihwaniro ry'Abigisha: **Paruwase Mubuga- Rutonde** |
| | **16-18** | **Yubire y'imivukano** |
| | **17** | Ugukomezwa muri M M: **Mwaro (Abanyeshure biga mu mashure yisumbuye)** |
| | **17** | Urusangi rwa mbere: **Paruwase Maramvya** |
| | **17-25** | **Indwi yahariwe amakaminuza yose Gatorika (CDAL)** |
| | 18 | **Idominika ya 5 ya Pasika** |
| | **19** | Inama ihuza komite ijejwe ubutumwa bw'abalayike muri Diyoseze |
| | 21 | Umusi Mpuzamakungu wahariwe Ukumenyesha amakuru muri Ekleziya |
| | **22** | Urugendo rweranda rugana **i Mugera rw'abasangirabutumwa: Paruwase Nyarusange** |
| | **23-25** | **Yubire y'abitegurira urusangi rwa mbere** |
| | **24** | Bikira Mariya Umutabazi: Umuvunyi : **P. Gitongo** |
| | **24** | Yubile y'imyaka 25: **Paruwase Gisozi** |
| | **24** | Ugukomezwa muri M M: **Mushasha (Abiga mu mashure yisumbuye)** |
| | **25** | **Idominika ya 6 ya Pasika** |
| | **25** | Urusangi rwa mbere: **P. Gihiza, Mbogora na Mukobe** |
| | **26** | Guhimbaza Umuvunyi w'Igisata ca **Nyabihanga** |
| | **29** | **ASENSIYO** |
| | **30/5-1/6** | **Yubire y'ingo n'imiryango; abavyeyi, abana, abasokuru n'abasokuruza; abageze mu zabukuru** |
| | **30/5-7/6** | Indwi igira kabiri y'Inyigisho no kunagura ukwemera muri **Paruwase Nyabihanga** |
| | **31** | **Iramukanya rya Bikira Mariya: Umuvunyi wa Paruwase Bwoga Chioggia na Kirimbi** |
| | **31** | Urusangi rwa mbere**: Paruwase Mwungere Mwiza** |

| | | |
|---|---|---|
| | **31** | Urugendo rweranda ku Kirimba ca Bikira Mariya ku Mushasha: **Paruwase Nyabiraba na Mumuri** |
| | 31 | **Umusi Mpuzamakungu w'Abavyeyi** |

**RUHESHI**

| | | |
|---|---|---|
| | **1** | **Idominika ya 7 ya Pasika** |
| | **1** | Ukwibuka Urupfu rwa Patiri Darius: **Paruwase Mumuri** |
| | **1** | Urusangi rwa mbere: **Paruwase Mubuga-Rutonde** |
| | 5 | **Umusi Mpuzamakungu wahariwe ibidukijije** |
| | **6** | Amasakramentu atandukanye**: Ntita (abanyeshure biga mu mashure yisumbuye)** |
| | **7** | Umusi mukuru w'Imihari hamwe n'indagano mu mihari: **Paruwase Mushasha** |
| | **7** | Ugukomezwa muri M M: **Kibumbu, Ecofo Songa des Soeurs Carmélites (Bikinga)** |
| | **7** | Urusangi rwa mbere: **Magarama, Shombo, Mucunguzi** |
| | **7-8** | **Yubire y'abanyamashirahamwe y'imibano, y'ukubabarana, be n'imiryango mishasha** |
| | **8** | **PENTEKOTI** |
| | **8** | Ugukomezwa muri M M: **Magarama, Mucunguzi, Karusi** |
| | **8** | Guhimbaza Umuvunyi: **Paruwase Rabiro, Murenda** |
| | **8** | Ukwugurura Yubile y'imyaka 25: **Paruwase Mwaro** |
| | **8** | Indagano ku banyamihari: **Mugabekazi w'Abakene** |
| | **9** | Bikira Mariya Umuvyeyi w'Ekleziya: **Umuvunyi wa Paruwase Bugenyuzi** |
| | **9** | **Yubire y'abaserukizi b'Ekleziya mu gihugu** |
| | 12 | **Umusi mpuzamakungu wo kurwanya guhohotera abana mu bikorwa** |
| | 14 | Hantoni w'i Paduwa: **Guhimbaza Umusi mukuru w'Umuvunyi wa Paruwase Mugera** |
| | 14 | **Umusi mpuzamakungu w'abatanga amaraso** |
| | **14** | Kwigina iterambere mu bisata: **Shombo** |
| | **14** | Urusangi rwa mbere: **Rusamaza, Mpanuka, Makebuko** |
| | **14-15** | **Yubire y'abanonotsi** |
| | **15** | **UBUTATU BWERANDA** |
| | **15** | Ugukomezwa muri M M: **Mugabekazi w'Abakene** |

| | | |
|---|---|---|
| | **15** | Urusangi rwa mbere ibisata vya **Kivuvu, Winteko na Mayanza: Paruwase Mutoyi** |
| | **15** | Guhimbaza umuvunyi: **Paruwase Gishubi na Kibenga – Migende** |
| | **15-20** | ***Amapfungo muri Foyer de Charité y'Abamenyeshamana ruberera bo muri Diyoseze (BDE)*** |
| | **19** | Inama y'ugutegura Ubusaserdoti: **Paruwase Mbogora** |
| | **19-28** | ***Igisabisho c'imisi icenda co kwitegurira umusi mukuru wa Petero na Pawulo Abavunyi b'Abamenyeshamana*** |
| | 20 | **Umusi Mpuzamakungu wahariwe impunzi** |
| | **21** | Ugukomezwa muri M M: **St Ambroise, St Gabriel, Nyangwa, Mushasha (abari mu mashure matomato)** |
| | **21-22** | **Yubire y'indongozi** |
| | **22** | **ISAKRAMENTU RYERANDA** |
| | **22** | Guhimbaza umuvunyi: **Paruwase Rukundo** |
| | **22** | Urusangi rwa mbere: **Gishubi, Mugera, Bugendana, Kirimbi, St Gabriel, Mubuga-Rutonde, Gahemba, St Ambroise, Nyabikere, Mutoyi n'ibisata vyayo Cishwa na Buhoro** |
| | **22** | Umusi mukuru w'iterambere ry'imibano rukristu**: Paruwase Nyabiraba** |
| | **22** | Kwibuka Ishingwa rya Paruwase no guhimbaza umusi wahariwe kurekuriranira no gusubiza hamwe: **Paruwase Nyarusange** |
| | **22** | Isabukuru y'imyaka 12: **Paruwase Gishubi** |
| | 23 | **Umusi Mpuzamakungu wahariwe abapfakazi** |
| | **23-24** | **Yubire y'abari mu mashure nderabasaserdoti (Amaseminari)** |
| | 24 | Ivuka rya Yohani Batista |
| | **25** | **Yubire y'Abepiskopi** |
| | **26** | Amapfungo y'Abamenyeshamana: **Paruwase Gishubi** |
| | **26-27** | **Yubire y'abasaserdoti** |
| | **27** | Amapfungo y'Abamenyeshamana**: P. Maramvya** |
| | **27** | Inyigisho z'abamenyeshamana: **Paruwase Nyabikere** |
| | **28** | Guhezagira Isengero y'Igisata ca Kiryama: **P. Mugera** |

| | | |
|---|---|---|
| | **28** | Ugukomezwa muri M M: **Gishubi, Mukobe, Shatanya** |
| | **28** | Urusangi rwa mbere: **Paruwase Bugenyuzi hamwe n'Igisata ca Masabo** |
| | **28** | Bikira Mariya Umugabekazi w'Isakramentu Ryeranda: Umuvunyi: **Paruwase Mubuga – Rutonde** |
| | **28** | **Yubile y'imyaka 75 y'ishure shingiro rya Makebuko II** |
| | **29** | Umushaha Mweranda wa Yezu: **Umuvunyi wa Paruwase Rushanga na Karusi** |
| | **29** | Aberanda Petero na Pawulo: **Umusi Mukuru w'Abamenyeshamana mu maparuwase yose** |
| | **29** | Guhimbaza Yubile y'Imyaka 5: **Paruwase Nyakeru n'Umusi mukuru w'Umuvunyi** |
| | **29** | Ihezagirwa ry'Amasengero **Mugitega, Gatonde: Paruwase Nyakeru** |
| | **29** | Guhimbaza Umuvunyi **w'Igisata ca Munago Petero Mweranda: Paruwase Nyabihanga** |
| | **29** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Muyuga, Gahemba** |
| | **29** | Kwinjira Isengero ya Gasenyi: **Paruwase Rusamaza** |
| | **29** | Isabukuru y'imyaka 6: **Paruwase Rusamaza** |
| | **29** | Kwatira Abasangizi bashasha: **Rusamaza** |
| | **30** | Umusi mukuru w'Abamenyeshamana: **Bugenyuzi** |

**MUKAKARO**

| | | |
|---|---|---|
| | 1 | Ukwikukira kw'Uburundi |
| | **3** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Nyarusange** |
| | **3** | Guhezagira Isengero Igisata Nyarubenga: **Nyarusange** |
| | **3-4** | Gushikanira umwaka Umukama: **Paruwase Bugenyuzi** |
| | **5** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Mubuga-Rutonde** |
| | **6** | Abamaratiri b'i Buganda |
| | **6** | Ugukomezwa muri M M: **Mwaro (Abo mu mashure mato mato)** |
| | **6** | Gushikanira Umukama: **Mushasha, Rusamaza na Kibumbu** |
| | **6** | Willibardo Mweranda: **Umuvunyi P. Bugendana** |
| | **7-13** | Indwi yahariwe ingo: **Paruwase Nyabikere** |
| | **9** | Mariya Karara Naneti Mweranda: **Umuvunyi wa Paruwase Yoba** |

| | | |
|---|---|---|
| | **10** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Nyabiraba, Nyarunazi, Gitongo, Mugera na Kirimbi** |
| | **12** | Ugukomezwa muri M M: **Mpanuka, Gihiza, Mumuri, Ntita (Abiga mu mashure matomato na Yaga-Mukama)** |
| | **12** | Urusangi rwa mbere: **Paruwase Bukirasazi** |
| | **13** | **Idominika ya 15 y'umwaka C** |
| | **13** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Bwoga-Chioggia** |
| | **13** | Gushikanira umwaka Umukama: **Paruwase Gihiza** |
| | **13** | **Yubire y'impfungwa** |
| | **13** | Ikambi y'ibikorwa kubari mu mihari n'imigwi y'ubutumwa: **Paruwase Mumuri** |
| | **15** | Guhezagira Isengero **y'Igisata ca Maramvya i Makebuko** |
| | **15** | **Bonaventura mweranda** |
| | **16** | Mariya Madalena Mweranda: **Kwigina Umuvunyi be n'Iterambere: Paruwase Shombo** |
| | **17** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Mbogora** |
| | **17** | Umusi mukuru w'imihari hamwe n'indagano: **P. Gihiza** |
| | **17** | Inyigisho ku banyeshure bose bari mu mihari n'imigwi bari mu kiruhuko: **Paruwase Gishubi** |
| | **19** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Rusamaza, Kibenga-Migende, Maramvya na Bikinga** |
| | | Yubile y'imyaka 100 y'Igisata ca Bihanga: **P. Gihiza** |
| | 20 | **Idominika ya 16 y'umwaka C** |
| | **20** | Ugushikanira umwaka Umukama: **P. Mucunguzi** |
| | **20** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Bugendana** |
| | **20-24** | Indwi yahariwe ingo: **Paruwase Mutoyi** |
| | **21-26** | Indwi yahariwe ingo: **Paruwase Kibenga-Migende** |
| | **21-27** | Indwi yahariwe ingo: **Paruwase Gihiza, Mushasha, Nyabihanga, Gihiza na Mbogora** |
| | **22/7-30/8** | Inyigisho nkarishabwenge z'Abamenyeshamana mu maparuwase |
| | **24** | Inyigisho ku rwaruka rwose ruri mu mugwi w'itorwa (**Gishubi)** |
| | **24** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Nyabihanga** |

| | | |
|---|---|---|
| | **25** | Ugukomezwa muri M M: **Kivuvu (Mutoyi)** |
| | **26** | Ugukomezwa muri M M: **Rukundo, Bugenyuzi, Shombo, Buhoro, Nyabikere, Bukirasazi, Gatonde, Mutoyi n'ibisata vyayo Cishwa na Buhoro** |
| | 27 | **Idominika ya 17 y'umwaka C** |
| | **27** | Guhimbaza Yubire y'ingo zubatse rukristu: **Paruwase Nyabihanga** |
| | **28** | Umusi mukuru w'abigina amayubile: **Paruwase Mutoyi** |
| | 28 | **Umusi Mpuzamakungu w'abasekuru** |
| | **28-31** | Inyigisho ku rwaruka ruri mu murwi w'itorwa: **P. Gihiza** |
| | **28/7-2/8** | Indwi yahariwe ingo: **Paruwase Shombo** |
| | **28/7-3/9** | **Yubire y'urwaruka** |
| | **29/7-1/8** | ***Isabukuru y'Urwaruka ku rwego rwa Diyoseze izobera muri Paruwase ya Karusi*** |
| | 30 | Gusozera indwi y'ingo |

**MYANDAGARO**

| | | |
|---|---|---|
| | **2** | Ugukomezwa muri M M: **P. Gihogazi na Makebuko** |
| | 3 | **Idominika ya 18 y'umwaka C** |
| | **3** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Gisozi** |
| | **3** | Guhimbaza Umuvunyi w'Igisata ca Magamba Yohani Mariya Viyane: **Paruwase Nyabihanga** |
| | **4** | ***Yohani Mariya Viyane Mweranda: Umuvunyi w'Abasaserdoti*** |
| | **5** | Alfonsi Mariya Liguori Mweranda: **Umuvunyi wa Paruwase Makebuko** |
| | 6 | Yezu Yihindura ukundi |
| | **7** | Gahetano Mweranda: **umuvunyi Paruwase Nyabikere** |
| | **7** | **Isabukuru y'ishingwa: Paruwase Gahemba** |
| | **7** | Inyigisho ku banyamihari bose bitegurira umusi mukuru w'Iyurizwa mw'Ijuru rya Bikira Mariya**: Gishubi** |
| | **9** | Ugukomezwa muri M M: **Paruwase Nyakeru** |
| | **10** | **Idominika ya 19 y'umwaka C** |
| | **10** | ***Ugukomezwa muri M M ku banyeshure biga mu makaminuza*** |

| | | |
|---|---|---|
| | **10** | Guhezagira Isengero **y'Igisata ca Gaterama: Bugendana** |
| | **12** | Guhimbaza Umuvunyi w'Igisata ca **Gasongati: Bikira Mariya Umukandizi: Paruwase Nyabihanga** |
| | **15** | **Iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya** |
| | **15** | Guhimbaza Umuvunyi wa **Paruwase Mumuri na Buhoro** |
| | **15** | Isabukuru y'ishingwa rya **Paruwase Mumuri** |
| | **16-24** | Inyigisho ku rwaruka ruri mu murwi w'itorwa: **Paruwase Mushasha** |
| | **17** | Umusi mukuru: **Paruwase Mubuga-Rutonde** |
| | **18** | ***Inama ihuza komite ijejwe ubutumwa bw'abalayike muri Diyoseze*** |
| | 20 | **Idominika ya 20 y'umwaka C** |
| | **22-23** | Inyigisho zinagura abamenyeshamana: **P. Shatanya** |
| | **22** | Bikira Mariya Umugabekazi w'Amahoro: **Umuvunyi wa Paruwase Murayi na Nyabihanga** |
| | 24 | **Idominika ya 21 y'umwaka C** |
| | **24** | Gushikanira Umwaka Umukama: **Baziro na Nyamakobero: Paruwase Kibumbu** |
| | **24** | Umusi mukuru w'Abihebeyimana: **Paruwase Mushasha** |
| | **24-30** | Inyigisho ku rwaruka ruri mu murwi w'Itorwa: **Mumuri** |
| | **27-28** | Inyigisho nkarishabwenge y'Abamenyeshamana: **Paruwase Kibumbu** |
| | **27-29** | Inyigisho ku rwaruka ruri mu murwi w'Itorwa: **Paruwase Nyabikere** |
| | **28-31** | Inyigisho ku rwaruka ruri mu murwi w'Itorwa: **Paruwase Mubuga-Rutonde na Shombo** |
| | **30** | **Umusi mpuzamakungu wahariwe abanyororo** |
| | **31** | **Idominika ya 22 y'umwaka C** |
| | **31** | Kwatira abasangizi hamwe no guhimbaza Umuvunyi wa **Paruwase Bikinga Augustino Mweranda** |

**NYAKANGA**

| | | |
|---|---|---|
| | **1** | Gusozera amezi y'Itorwa mu maparuwase |
| | 7 | **Idominika ya 23 y'umwaka C** |
| | 8 | Ivuka rya Bikira Mariya |

| | | |
|---|---|---|
| | **9** | Isabukuru y'ishingwa **rya Paruwase Mwungere Mwiza** |
| | **9** | Petero Karaveri Mweranda: **Umuvunyi wa P. Nyangwa** |
| | **9** | **Ukwibuka igandagurwa rya Musenyeri Yohakimu RUHUNA** |
| | **9** | Isabukuru y'imyaka 7: **Paruwase Nyarunazi** |
| | **13** | Ininahazwa ry'Umusalaba: **Umuvunyi Paruwase Ntita** |
| | 14 | **Idominika ya 24 y'umwaka C** |
| | 14 | Umusi mukuru w'ikirimba c'Umusalaba: **P. Nyabiraba** |
| | **14** | Kwinjira Isengero y'Igisata ca Nyarurambi: **P. Buhoro** |
| | **14-15** | **Yubire y'ukuremesha n'ukuremeshwa** |
| | **15** | Bikira Mariya yabonye amagorwa yose: **Umuvunyi wa Paruwase Mpanuka** |
| | **16** | Sipiriyano Mweranda: **Umuvunyi wa P. Maramvya** |
| | **20** | Umwiherero w'Abakristu muri Foyer de Charité Giheta: **Paruwase Mucunguzi** |
| | **20-21** | **Yubire y'abakora mu gisata c'amategeko** |
| | 21 | **Idominika ya 25 y'umwaka C** |
| | 21 | **Umusi Mpuzamakungu wahariwe amahoro** |
| | 24 | **Abaguma bimuka** |
| | **26-28** | **Yubire y'abamenyeshamana** |
| | 28 | **Idominika ya 26 y'umwaka C** |

**GITUGUTU**

| | | |
|---|---|---|
| | **1** | Gutangura ukwezi ko gusabira ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza |
| | **1** | Tereziya Mweranda w'Umwana Yezu, Umuvunyi w'Abamenyesha Inkuru Nziza |
| | **4** | Fransisiko Mweranda w'i Asize: **Umuvunyi Rusamaza** |
| | **4** | Guhimbaza Tereziya Mweranda w'Umwana Yezu: **Umuvunyi wa Paruwase Mukobe** |
| | **4-5** | **Yubire y'abimukira** |
| | 5 | **Idominika ya 27 y'umwaka C** |
| | **5** | Guhimbaza Umuvunyi wa: **Paruwase Magarama** |
| | 5 | Gusabira abakirondera akazi |
| | **7** | Bikira Mariya Umugabekazi w'Intsinzi: **Umuvunyi wa** |

| | | |
|---|---|---|
| | | **Paruwase Giheta** |
| | **8-9** | **Yubire y'ubuzima bw'ukwihebera Imana** |
| | **10** | Guhezagira Isengero y'Igisata ca Bitare**: P. Bugendana** |
| | 11 | Gusabira abana bapfa bakorowe inda |
| | **11-12** | **Yubire y'abisunga Bikira Mariya** |
| | 12 | **Idominika ya 28 y'umwaka C** |
| | **12** | Gutangura Indwi yagenewe kumenyesha Inkuru Nziza hose |
| | 13 | Igandagurwa ry'Umuganwa Ludoviko Rwagasore, no gusabira abacu bahitanywe n'amagume |
| | **18-19** | **Yubire y'abatoranye ubuzima bw'abamisiyonari** |
| | 19 | **Idominika ya 29 y'umwaka C** |
| | **19** | **Umusi Mpuzamakungu wahariwe kumenyesha Inkuru Nziza** |
| | 21 | Igandagurwa ry'umukuru w'igihugu Melkiyoro NDADAYE no gusabira abacu bahitanywe n'amagume |
| | **22** | Guhimbaza umuvunyi w'Igisata ca Gitara Yohani Paulo wa II Mweranda: **Paruwase Nyabihanga** |
| | **26** | **Idominika ya 30 y'umwaka C** |
| | **26** | Ukurungika mu butumwa umurwi ugira kane wa Mukama Menyekana: **Paruwase Nyabihanga** |
| | **28-31** | **Yubire y'abari mu gisata c'Indero n'amashure** |

**MUNYONYO**

| | | |
|---|---|---|
| | **1** | Aberanda bose |
| | 2 | **Idominika ya 31 y'umwaka C** |
| | **2** | Gusabira abapfuye bose |
| | **6** | Umusi mukuru w' **Ivuka rya Paruwase Giheta** |
| | 9 | **Idominika ya 32 y'umwaka C** |
| | **10** | Guhimbaza imyaka 6 ya **Paruwase Nyakeru** |
| | **10** | Guhimbaza Umuvunyi muri **Paruwase Budatyora** |
| | **15-16** | **Yubire y'abakumiriwe be n'aboro** |
| | 16 | **Idominika ya 33 y'umwaka C** |
| | 16 | **Umusi Mpuzamakungu wahariwe Aboro** |

| | | |
|---|---|---|
| | **21-23** | **Yubire y'abaririmbiramana** |
| | **23** | KRISTU UMWAMI W'AMAKUNGU: **Umuvunyi wa Paruwase Mushasha** |
| | **23** | Umusi Mpuzamakungu wahariwe Urwaruka |
| | **26** | Ihezagirwa ry'Isengero mu **gisata ca Butegana: Paruwase Rukundo** |

**KIGARAMA**

| | | |
|---|---|---|
| | 1 | **Idominika ya 1 y'Ubushikiro** |
| | **3** | Fransisiko Xavier Mweranda: **Umuvunyi wa Paruwase Bukirasazi** |
| | 8 | **Idominika ya 2 y'Ubushikiro** |
| | **14** | **Yubire y'abapfungiwe mu mabohero canke ahandi** |
| | **17** | Inyigisho ku ngo nshasha ziherutse kugira ubugeni mu mwaka wa 2025: **Paruwase Gishubi** |
| | 18-23 | Amapfungo ya Noheli (**Bugendana)** |
| | **23** | Amapfungo ya Komite y'ingo n'imiryango bitegurira umusi mukuru w'Umuryango Mweranda w'i Nazareit: **Paruwase Gishubi** |
| | 24 | Igiteramo ca Noheli |
| | 25 | Umusi mukuru wa Noheli |
| | 29 | Umuryango Mweranda w'i Nazareti |
| | 31 | Igiteramo co gusozera umwaka |